# UMUHARI UHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI ''ITEKA''

## *ICEGERANYOKU NYIFATO Y'AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI CO MUGIHE BUCA HABA AMATORA Y'UMUKURU W'IGIHUGU.*

**Umuhari ITEKA :**


- « Ni umunywanyi w'ishirahamwe mpuzabihugu ryo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),
- Rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umurwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero ivyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC ».
- Umuhari teka ugizwe n'inani mpuzamashirahamwe 17 hamwe n'ibisata 32 .










RWANDA
BUTANYERERA
BUJUMBURA
BUHUMUZA
GITEGA
LAKE
DRC
TANGANYIKA
BURUNGA
TANZANIA
N
E
S
W

# URUTONDE RW'IBIRIMWO

*I. INCAMAKE* :........................................................5
*I.1. MURIPOLITIKE N'INTWARO* ........................................................5
*I.2. KU MUTEKANO* ........................................................6
*I.3. UMUBANOUBUTUNZI HAMWE N'UBUFASHA* ........................................................7
*I.4. KU GATEKA KA ZINA MUNTU*........................................................8
*II.IBISABWA*........................................................14
*III. INTUMBERO Y'ICEGERANYO* ........................................................17
*IV. UBUHINGA BWAKORESHEJWE* ........................................................17
*V. UKO AGATEKA KA ZINA MUNTU KIFASHE MURI RUSANGI MURI IKI KIRINGO C' ICEGERANYO* ........................................................18
*V. 1. UBURENGANZIRA BW'ABIGENGA NO MURI PORITIKE* ........................................................18
V.1.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA ........................................................18
*V.1.1.1. UBWICANYI BUTEGUWE* ........................................................18
*V.1.1.2. UKUNYURUZWA HAMWE N'UKUBURWA IRENGERO* ........................................................22
*V.1.2 UBURENGANZIRA BW'UKUDAHOHOTERWA* ........................................................24
*V.1.2.1. UKUBOREZWA IGUFA,UGUPFUNGWA,UGUFATWA BUNYAMASWA N'AYANDI MABI* ........................................................24
*V.1.2.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA/UGUFATWA KU NGUVU* ........................................................26
*V.1.3. UBURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO*........................................................29
*V.1.3.1. IHAGARIKWA HAMWE N'IPFUNGWA RICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO* ........................................................29
*V.2. UBURENGANZIRA KU MIBANO-UBUTUNZI N'IMICO KAMA* ........................................................34
*V.2.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI* ........................................................34
*V. 2.2. UBURENGANZIRO KU NDERO* ........................................................36
*V.2.3. UBURENGANZIRA KU MAGARA* ........................................................36
*VI. INYIFATO Y'UBUFASHA* ........................................................37
*VI.1. IMPUNZI Z'ABARUNDI HAMWE N'ABASABA UBUHUNGIRO* ........................................................37
*VI.2. IMPUNZI Z'ABANYAKONGO MU BURUNDI*........................................................40
*VII. UGUSOZERA.*........................................................41

# *IMPFUNYAPFUNYO*

**AGNU** : Inama nkuru y'ibihugu vyunze ubumwe

**CDP** : Ihuriro ry'abakunda ihihugu

**CNDD-FDD** : *Inama y'abanyagihugu iharanira intwaro rusangi-urunanirukingira intwaro rusangi*

**CNL** : Ihuriro ry'igihugu riharanira ukwigwnga

**UPRONA** : Urunani ruharanira iterambere ry'igihugu

**DESC** : Uburenganzira bw'ubutunzi,imibano n'imico kama

**FRODEBU** : Urunani ruharanira demokarasi mu Burundi

**PNB** : Igipolisi c'igihugu c'u Burundi

**SNR** : Igendereza ry'igihugu

**TGI** : Sentare nkuru

**RDC** : Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo

**M23** : Umuhari wo kuwa 23 Ntwarante

**FDLR** : Urunani ruharanira demokarasi yo kubohoza uRwanda

**VBGs** : Amabi afatiye ku gitsina

**CENI** : Umugwi wigenga utegura amatora ku gwego gw'igihugu

**CEPI** :Umugwi wigenga utegura amatora mu ntara

**CECI** : Umugwi wigenga utegura amatora muri komine

**VB** : Akazu k'amatora

**ECOFO** : Ishure shingiro

**OPJ** : Inyamiramabi

# I. INCAMAKE

## I.1. MURI PORITIKE N'INTWARO

Mu mezi yakurikiye amatora yo muri Ruheshi,uBurundi bwarahuye n'ibibazo vya poritike vyaranzwe n'uruyeri n'ubunyonyezi.Mu bakuru b'imitumbaCNDD-FDD yatwaye intebe zose,ku bahanuzi ba komine n'abashingamateka,Umugwi wigenga ujejwe amatora ku rwego rw'igihugu (CENI) wamenyesha ivyavuyemwo ku bice 96,51% vyiharijwe na CNDD-FDD,n'aho batabihurizako n'abatavugarumwe na Reta.

Nubwo hari haje amahoro asa n'ayigaragaza, ivyago vyari ku batavuga rumwe n'ubutegetsi vyagumye bitera impungenge. Abanyagihugu babayeho mu bwoba bw'urutavanako kubera ibihuha vyo kunyagwa amatongo bikorerwa na CNDD-FDD. Kuva muri muri Mukakaro gushika muri Nyakanga,ibintu vyarunyutse hasubiriye gutorwa Daniel Gélase Ndabirabe,bigatera ibintu vyateye bikomera.Amabi ya poritike yagumye yibonekeza,kandi ubunenge bwibonekeje mu matora yo ku mutumba yasize igihengeri c'uguhemukirwa mu matora.

Muri Nyakanga,ukwirukana Davis Leyssens,umuyobozi wa Enabel yarashize ahabona ugucinyiza birenze urugero ubwigenge bwo gushikiriza ivyiyumviro.Umwaka wa wa 2025 warangijwe n' uruhagarara ruboneka muri poritike,kandi ihuriro ry'i Washington ryagerageje guteza imbere ibiganiro bihuza Kongo n'uRwanda,ariko atagutanga intumbero zitoye ku Burundi.

Naho CNDD-FDD yasa n'iyashinze imizi,demokarasi itera izimangana,bigatuma abanyagihugu bahura n'intambamyi nyinshi kuvyo imibano n'ubutunzi,gushika kw'iduga ry'ibiciro no kubura ibifungurwa.

Vyongeye,abo mugambwe uri ku butegetsi bagize ico badahurizako barabazibiza.Ivyo vyerekanwa n'ipfungwa ry'uwahoze ari umushikiranganji wa mbere,yoba yararekuwe kubera umwumvikano wo hagati y'intwazangabo zo hejuru mu mugambwe CNDD-FDD,kubwo amasoko yo mu mugambwe.

Hariho kandi ipfungwa ry'umu Général Bertin Gahungu,yahoze arongoye igendereza ryo mu gihugu hagati n'iry'igipolisi c'inyamiramabi kandi hanyuma yajejwe ibibazo vy'igisirikare mu buserukizi bw'uburundi muri Reta zunze ubumwe za Amerika.

Naho igihugu cosa n'igifise ituze,carakozweko n'amagume yo mu karere,bikazana amahoro atashingiro."

Iruhande,itunganywa rishasha ry'intwaro,ryotegerejwe kwegereza ubufasha abanyagihugu,ryoba ryahuye n'intambamyi zikomeye.Abarundi benshi bategerezwa kugenda ingendo ndende kugira baronke ivyangombwa bahambwa bakura mu ntwaro,mugihe kugira baronke ubufasha bwankenerwa vyagumye ari umuzi w'ibuye.Ugucererwa mu kugira imigambi vyari bigwiriye,ahanini kubera itunganywa ririmwo intambamyi nyinshi,nkokugabanya intara kuva kuri 18 gushika kuri 5 hamwe n'amakomine kuva kuri 119 gushika kuri 42 kugira hagwire ama zone yavuye ku 339 aja kuri 451 hamwe n'imitumba canke amakaratiye yavuye kuri 2910 gushika kuri 3044.Uburongozi bw'amazone butarashobora ubushobozi bukwiye kugira butange ubufasha bwose abanyagihugu,basanga bategerezwa kugenda ingendo ndende zizimvye hamwe n'umwanya wo huja mw'ikomine.

Ubwigenge bw'abanyagihugu buracari buke,bigatera amakenga kuvyere ivyo abo hejuru bashira imbere bifasha akagwi gatoya.Abarongozi bazi neza ubusumbasumbane kuvyerekeye amasoko kama hamwe n'inyubakwa,botegerejwe kugwiza inguvu kugira bashoboze abarundi bose bongere bashire imbere iterambere ridakumira.

## *I.2. KUVYEREKEYE UMUTEKANO*

Kuvyo umutekano,muri kino kiringo ca kino cegeranyo,uBurundi bwaranzwe n'urukwirikirane rw'ibintu bihambayemu matora y'abajenama ba komine hamwe n'abashingamateka yabaye muri Ruheshi 2025.Umugambwe CNDD-FDD warashoboye kwigarurira intebe zose haba mu nama shingamateka canke nkenguzamateka muri ayo matora.Uwo mwimbu wabashikanye kw'itunganya ry'ubutegetsi,rifise ingaruka kuri kazoza ka poritike y'igihugu.

Naho hibonekeje amabi akomeye mu matora atari menshi,umutekano uguma uteye amakengakubera uri mu minwe y'imigwi i tandukanye y'aho cane cane Imbonerakure zigenza nk'ingabo z'igihugu,mu vyegeranyo biherutse,umuhari Iteka wagumye ushikiriza imyimenyerezo ya gisirikare y'urwo rwaruka rw'umugambwe uri ku butegetsi hamwe n'uruhara rwabo mu ntambara zo muri Kongo,kenshi na kenshi ubasanga mu mabi no mw'ikubagurwa rikorerwa abarundi,barategeka atacamira.

Ibiziga biratorwa buri musi kandi mu gihugu cose ariko nta ngingo ziboneka zifatwaugira kugira ubwicanyi buranduranwe n'imizi.Ububisha buguma bugwira hamwe n'ubwicanyi bwabaye akayoberabahinga.

Umutekano w'ibintu vy'abikenga hamwe n'ivya Reta ntiwubahirijwe,muri kino kiringo c'umwaka,umuriro mu masoko atandukanye waravuzwe mu mihingo yose y'igihugu,incuro nyishi ku mugwa mukuru w'ubutunzi hamwe no muyindi miji y'igihugu,bigatuma imibano n'ubutunzi vy' abanyagihugu bwari busanzwe buhuha buhungabana.

Ijoro ryo kuwa 31 Ntwarante 2026, iturika ry'ibisasu vyo mu bubiko bw'ikambi Base des forces armées buri ku Musag,komine Mugere,mu ntara ya Bujumbura vyatumye hasiga ubuzima abantu hamwe n'ibintu vyononekaye kandi gushika ubu abo vyakozeko ntibariko bafashwa mbere nta n'inkuru n'imwe itomoye kuvyateye uwo muriro kiretse amajambo anyuranye y'indongozi z'igihugu yararanze ico kibazo.

Vyongeye,hakurya y'imbibe,uBurundi buri no mu bikorwa vya gisirikare mu buseruko bwa Repuburika iharanira demokarasi yaKongo,bigatera amakenga akomeye ku gateka ka zina muntu kandi bishobora gusongera isibe mu ruhagarara rw'akarere.

Ku rundi ruhande,imigenderanire hagati y'uBurundi n'uRwanda iguma irangwa n'icuka kibi,u Burundi bwagiza uRwanda gutegura ibitero bikomeye bitegurirwa iwabo,bigatuma vyunyura umutekano hamwe n'imigenderanire biri mu karere.Mu gusozera umwaka wa 2025,ukugerageza gushikirana kw'ivyo bihugu bibiri vyarabaye vyorohejwe na Reta zunze ubumwe bwa Amarika hamwe n'inama z'intwazangabo zabaye mu ntara za BUTANYERERA muri komine Kirundo.

### *I.3.KU RUHANDE RW'IMIBANO-UBUTUNZI N'UBUFASHA BW'ABANTU*

Ubutunzi mu Burundi,buguma bumeze nabi cane inyuma y'umwaka amatora abaye : Abanyagihugu barenga 70% ni ba ntahoniko-ra,ntibashobora no kuronka ivya nkenerwa hamwe n'amahirwe yo kuronka akazi kubwo ibanki y'isi yose.

Ivyo vyunyuwe n'iduga ry'ibiciro hamwe no kubura ibidandazwa cane cane kubura ibitoro igihe kirekire bizingamika ugutwara ibintu n' abantu,birakora ku gisata c'amagara y'abantu kandi bironona cane uguhanahana ibifungurwa hamwe no kubura amahera y'agaciro vyunyura ibura ry'ibidandazwa mva makungu canke ibidandazwa bihingurwa hakoreshejwe ibiva hanze.

Inkurikizi ry'ivyo ni nyinshi :haribonekeza iduga rinini ry'igiciro c'ibintu vyankenerwa,bigatuma gutyo ubuzima butera buzimba cane mu miryango, kandi imishahara y'abakozi ba Reta yagumye ari ya yindi,bigatuma abanyagihugu muri rusangi babaho mu buzima bugoye na cane cane abakozi ba Reta babeshejweho n'umushahara kandi bigatuma kuri bamwe bamwe bafata ingingo zo guheba akazi kabo bagaca bava mu gihugu bakaja mu bihugu vyo mu kigobe c'abarabu kurondera akarusho.

Ivyo muri ino misi vyarakoze ku gisata c'indero, igisata c'amagara y'abantu hamwe n'igisata c'umutekano aho abigisha,abaganga ,abaforoma hamwe n'abasirikare bataye ubuzi bwabo.

Uko gutakaza abantu b'incabwenge birazana icuka kibi mu mibano no muri poritike,bigatera ishavu n'ububisha mu migwi y'abantu.

Kuri iryo hungabana,abarongozi bashobora kugerageza gufataingingo zikumira canke,ku rundi ruhande,kwemera impinduka z'ubutunzi na demokarasi,kugira beremeshe abanyagihugu bongere basubize ibintu ku murongo.

Ariko rero,ata ntwaro ya bose hamwe n'intumbero y'ubutunzi iboneke,ukutihanganira nuri poritike bishobora kubandanya kandi bigashinga imizi,bikajana mu ndyane z'igihe gito hamwe n'ugucanamwo kuboneka kw'inzego.

Vyongeye,ingorane zijanye n'urugero rwo kuvunja amahera y'agaciro mu Burundi cane cane ubudasa hagati y'urufatiro rwa Reta hamwe no ku kaguriro vyiyongera ku bisanzwe bihuha :ubufasha bwa Reta buracumbagira,hamwe n'igorana ry'ibikorwa bijanye no kwinjiza ibidandazwa hamwe n'ibikorwa vyo hanze y'igihugu bikenera amahera y'agaciro birazingamika bimwe bikomeye ubutunzi.

Igwirirana ry'impunzi ziva mu buseruko bwa Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo,kubera indyane ziriko ziba,ni kimwe mu bituma ibintu vyunyuka.Iryo gwirirana rirahungabanya ubutunzi buhasanzwe hamwe n'abanyagihugu babakira.

Muri make,ubutunzi bw'intica ntikize nibwo buboneka muri iki gihugu,mugihe ingwano y'akarere muri Kongo inunuza igicekinini c'ubushobozi bwa Reta y'uBurundi bwo gutunganiriza abanyagihugu babwo.

Kuri ivyo hiyongerako ihunguka mu kivunga ry'impunzi z'abarundi ziva Tanzaniya igihugu kititeguye kugira cakire igitigiri kinini nk'ico mu mwanya mutoya kandi ivyo vyaribonekeje cane mugihe amashirahamwe akorera muri ico gisata harimwo HCR yatanguye gusemerera kw'ibura rikabije ry'uburyo bukwiye kugira impunzi zishobore kuronsa ivyankenerwa vy'ibanze impunziz' abanyakongo hamwe n'abarundi bahungutse.

## *I.3. KU MIBANO-UBUTUNZI N'UBUFASHA*

### *1. UKO UBUTUNZI BWIFASHE*

Ubutunzi mu Burundi,buguma bumeze nabi cane inyuma y'umwaka amatora abaye : Abanyagihugu barenga 70% ni ba ntahonikora,ntibashobora no kuronka ivya nkenerwa hamwe n'amahirwe yo kuronka akazi kubwo ibanki y'isi yose.

Ivyo vyunyuwe n'iduga ry'ibiciro hamwe no kubura ibidandazwa cane cane kubura ibitoro igihe kirekire bizingamika ugutwara ibintu n'abantu,birakora ku gisata c'amagara y'abantu kandi bironona cane uguhanahana ibifungurwa hamwe no kubura amahera y'agaciro vyunyura ibura ry'ibidandazwa mva makungu canke ibidandazwa bihingurwa hakoreshejwe ibiva hanze.

Inkurikizi ry'ivyo ni nyinshi :haribonekeza iduga rinini ry'igiciro c'ibintu vyankenerwa,bigatuma gutyo ubuzima butera buzimba cane mu miryango,kandi imishahara y'abakozi ba Reta yagumye ari ya yindi,bigatuma abanyagihugu muri rusangi babaho mu buzima bugoye na cane cane abakozi ba Reta babeshejweho n'umushahara kandi bigatuma kuri bamwe bamwe bafata ingingo zo guheba akazi kabo bagaca bava mu gihugu bakaja mu bihugu vyo mu kigobe c' abarabu kurondera akarusho.

Ivyo muri ino misi vyarakoze ku gisata c'indero, igisata c'amagara y'abantu hamwe n'igisata c'umutekano aho abigisha, abaganga ,abaforoma hamwe n'abasirikare bataye ubuzi bwabo.

Uko gutakaza abantu b'incabwenge birazana icuka kibi mu mibano no muri poritike,bigatera ishavu n'ububisha mu migwi y'abantu.

Kuri iryo hungabana,abarongozi bashobora kugerageza gufataingingo zikumira canke,ku rundi ruhande,kwemera impinduka z'ubutunzi na demokarasi,kugira beremeshe abanyagihugu bongere basubize ibintu ku murongo.

Ariko rero,ata ntwaro ya bose hamwe n'intumbero y'ubutunzi iboneke,ukutihanganira nuri poritike bishobora kubandanya kandi bigashinga imizi,bikajana mu ndyane z'igihe gito hamwe n'ugucanamwo kuboneka kw'inzego.

Vyongeye,ingorane zijanye n'urugero rwo kuvunja amahera y'agaciro mu Burundi, cane cane ubudasa hagati y' urufatiro rwa Reta hamwe no ku kaguriro kigenga,biza bihuhura ibisanzwe bihuha .Igiciro co ku kaguriro gifatwa nk' ibiciro nyakuri ku bijanye n'urudandazwa.Uko kuri kuratuma ivya Reta bibangamirwa,biganda gushira mu ngiro kuri ubwo butandukane,kubera bikika mukiza ku bihangange bironka amahera y'agaciro muri banki nkuru y'igihugu bagasubira kuyagurisha ku kaguriro kigenga,gutyo bakavyungukiramwo cane.Nk'ingaruka mbi,ingorane zijanye n' ibikorwa vyo gukura ibidandazwa hanze y'igihugu hamwe n'ibikorerwa hanze,bisaba kuriha amahera y' agaciro,ziraburabuza biboneka ibikorwa vy'ubutunzi.

Igwirirana ry'impunzi ziva mu buseruko bwa Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo,kubera indyane ziriko ziba,ni kimwe mu bituma ibintu vyunyuka.Iryo gwirirana rirahungabanya ubutunzi buhasanzwe hamwe n' abanyagihugu babakira.

Muri make,ubutunzi bw'intica ntikize nibwo buboneka muri iki gihugu,mugihe ingwano y'akarere muri Kongo inunuza igicekinini c'ubushobozi bwa Reta y'uBurundi bwo gutunganiriza abanyagihugu babwo.

Kuri ivyo hiyongerako ihunguka mu kivunga ry'impunzi z'abarundi ziva Tanzaniya igihugu kititeguye kugira cakire igitigiri kinini nk'ico mu mwanya mutoya kandi ivyo vyaribonekeje cane mugihe amashirahamwe akorera muri ico gisata harimwo HCR yatanguye gusemerera kw'ibura rikabije ry'uburyo bukwiye kugira impunzi zishobore kuronsa ivyankenerwa vy'ibanze impunziz'abanyakongo hamwe n'abarundi bahungutse.

Ivyo bibangamira ubuzima bw'abanyagihugu busanzwe buhuha cane cane abana,abagore hamwe n'abasaza na kazoza k'abana bataronka ubufasha nyamukuru nk'ishure hamwe n'ubuvuzi,birabangamiwe.

### *⇒2. IVYO UBUFASHA*

### 1°. Impunzi z'abanyakongo kubera ingwano mu buseruko bwa Repuburika iharanira demokarasi muri Kongo

Muri kino kiringo co muri iki cegeranyo,uBurundi bwakiriye igitigiri kinini c'impunzi zirenga 100,000 zihonze ingwano muri Kongo.Muri izo mpunzi,66,137 ubu bari ku kirindiro kiri i BUSUMA,yo muri komine Ruyigi n'intara ya Buhumuza.Ukuntu abo bantu babayeho,kubwo ibivugwa y'abarongoye HCR ubwabo,birateye agahinda kandi bisaba kubitaho vyihuta.Kuva mu

## *I.3. KU MIBANO,UBUTUNZI N'UBUFASHA* *(Ibikurikira urupapuro 7)*

mpera za Ndamukiza 2026,inyuma y'imigumukoitandukanye yateguwe n'impunzi,zasaba zivuye inyuma uburenganzira bwazo bwo gutahuka ku bushake,Reta y'uBurundi,ifatanije na HCR,yaruhiye kugira ico ikoze,ivyatumye hagenda abantu 4,464 bamaze koroherezwa mu gusubira inyuma kwabo.Mubikenewe vyihuta vy'izo mpunzi ziri mw'ikambi y'impunzi ya Busuma,harimwo imfungurwa,amazi meza hamwe n'ubuvuzi bubereye,kubera hapfa benshi mu buryo bubabaje kubwo amahirwe make biravugwa.

**2°. Uguhungura impunzi z'abarundi ziva muri Tanzaniya.**

Mu kiringo ca Nzero 2026 mu mpera za Ntwarante 2026, ikigo co kurindiriramwo Nyabitare conyene cari kimaze kwandika abahunguka 27275 kandi ku ngingo yo kugara ikambi y'i Nduta muguhatira impunzi gutaha,bamwe ntibaharuwe kubera baca mu mayira atazwi kandi birabandanya. Muri iki gihe,ako gahato kari mu kirindiro Nyarugusu kandi impunzi z'abarundi nizo zironderwa.

Iruhande y'ugufatwa bunyamaswa bakorerwa muri Tanzaniya,amarushwa yatanguye bagishika mu kigo c'ukurindiriramwo kubera ubufasha bw'ibanze butahari,n'amashirahamwe ategamiye Reta nayo nyene arabinegura hamwe na HCR.Bamwe mbere baravuga ko batanaronse amahera yo gutaha ko yagenewe bose.

**3° Abasaba ubuhungiro birukanywe mu bihugu vya Buraya**

Haraciye igihe,iturubikwa ryo kwirukanwa ku basaba ubuhungiro mu bihugu vya Buraya ritegurwa kandi kuwa 21 Ndamukiza 2026,igihugu ca Suisse cirukanye abantu 11bagizwe n' umugabo umwe,umugore wiwe hamwe n'abana 3(abahungu 2 n'umukobwa 1),abakobwa 2 n' abagabo 4 hamwe n'abandi kandi hoba hariko hirukanwa abandi mu gihugu ca Suisse no mubindi bihugu vya buraya nk'ububirigi,kubwo abasaba ubuhungiro badahengeshanya gusaba amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu ngo abatakambire. Kuri Aziya,ubushakashatsi bw'umuhari Iteka bukorera kubirukanywe muri Philipine bagizwe n'abantu 83 ariko amakuru yacu aramvuye avuga ku bantu 17 harimwo 15 bari ku rutonde rwa mbere na 2 bo muri 6 bari ku rutonde 3 ku kibuga c'indege mpuzamakungu Ninoy Aquino de Manille.

## *I.4. KU GATEKA KA ZINA MUNTU*

Mu mwaka wa 2025 buca haba amatora yo muri Ruheshi,ihunga ry'ibihangange vyo mu migwi y'igihugu ryaribonekeje muribo harimwo abagize umugwi CNIDH,harimwo uwari awurongoye, hamwe n'abagize umugwi CVR mu Burundi,harimwo nk'abantu 2 bakomeye nk' umunyamabanga mukuru wawo,Aloys Batungwanayo hamwe n'icegera cawo,Clément Noé Ninziza. Ivyo vyaragize ingaruka mbi ku bikorwa vya misi yose vy'iyo migwi ibiri kandi vyaranaburabuje ubwigenge bwayo.Isubirizwa ryihuse muri Rusama 2025 abakomiseri bose ba CNIDH imbere y'uko hagera vyaragize ingaruka mbi ku bikorwa vy'uwo mugwi kandi ivyo vyoba arivyo vyatumye habura,kuri uwo musi icegeranyo c'umwaka ca CNIDH mu mwaka wa 2025.Vyongeye uko kubura icegeranyo vyaracanishijemwo imigwi,bituma bigorana gutunganya ibikorwa vyo kugenzura ,vyo gutohoza,hamwe n'ivyo gukora ivyegeranyo.

Vyongeye,ugutunganya hamwe n'ayandi mashirahamwe mpuzamakungu n'abo bafashanya bo mu

## *I.4. KU GATEKA KA ZINA MUNTU* *(Ibikurikira urupapuro 8)*

gihugu vyabaye ngombwa ko bamwnyera iyo ngendo nshasha,kenshi na kenshi mugucereza ibintu hamwe no mugukoresha imikenyuro yo gukuranwa canke guserukira vy'imfatakibanza. Amaherezo, ubu buryo bwatanguye guhindura uko abanyagihugu n'abanyamahanga babona ubwigenge no gukora neza kw'ibikorwa vyo kugenzura, bigira ingaruka ku cizere c'abanyagihugu no kw' izina ry'inzego.

Kuvyerekeye ubwigenge bw'ibinyamakuru,umuhari Iteka urashima ipfungurwa ry' umumenyeshamakuru Sandra Muhoza kuwa 04 Ntwarante 2026 haciye hafi imyaka 2 ari mw' ibohero.Twomenya ko muri iki kiringo,amabi menshi y'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu yatohojwe,harimwo ubwicanyi,igandagurwa ry'umushikiranganji w'ugutumatumanako,ubwicanyi ndengerabutungane hamwe n'amanyuruzwa,ukuboreza igufa,hamwe n'uguhagarika abantu biciye kubiri n'amategeko no kugumiza mw'ibohero abantu baronse ikigongwe c'umukuru w' igihugu.


Gutyo, umuhari Iteka,muri kino kiringo,ugira icegeranyo giteye agahinda,uharura kuri bose amabi 663 ku butaka bw'igihugu cose.Ayo mabi aharurwa mu migwi ikomeye 5,nk':incuro 351 z'ubwicanyi,incuro 160 z'ihohoterwa rifatiye ku gitsina,incuro 42 kuboreza igufa,incuro 51 z'inyuruzwa,hamwe n'incuro 49 z'ihagarikwa riciye kubiri n'amategeko.Muri ayo mabi 663 yaharuwe,abashika 796 nibo yakozeko,aho abantu 407 bishwe,baharurwa mu bice 51,13 % vy' abakozweko n'amabi; 176 bakorewe amabi afatiye ku gitsina,ni ukuvuga 22,11 % ; 44 bishwe, ni ukuvuga 5,52 % ; 57 banyurujwe, ni ukuvuga 7,16 % ; hamwe n' 102 bahagaritswe biciye kubiri n'amategeko,ni ukuvuga 12,81 %. Intara yaBujumbura na Gitega zabonetse ko arizo zakozweko gusumba izindi,uko zikurikirana ku bakozweko 244,ni ukuvuga 30,65%,na 200,ni ukuvuga 25,12 %. Twomenya ko mubantu 407 bishwe,ibiziga 269 nivyo vyatowe mu micungararo itandukanye y'igihugu ni ukuvuga 66% kandi ivyo bituma umuhari Iteka wiyumvira ko ari umukenyuro ubutegetsi bwiyumviriye bwo kunyuruza abantu uruhara rw'abatumwa na Reta ruboneka nk'uko vyaba mu myaka y'imbere yaho.Muri abo 407 bishwe,97 ni abakenyezi,Kuvyerekeye abo 176 bakorewe amabi afatiye ku gitsina,155 ni abagore,harimwo 119 bafashwe ku nguvu,bikora ku bakobwa bakiri abana.

***IBIGARA BIVYEREKANA***

***Igicapo1 : Ikigara cerekana amabi hamwe n'aho yakorewe***

| Ahabereye amabi / Intara | Igitigiri c'ababikorewe | | | | | | Yose hamwe |
|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | Uguhagari-kwa | Ayandi mabi | Ukunyuruz wa | Ukubore zwa igufa | Ub-wicany i | Ama-bi afati-ye ku gitsi-na | |
| Buhumuza | 4 | 0 | 6 | 3 | 52 | 5 | **70** |
| Bujumbura | 36 | 1 | 40 | 7 | 115 | 45 | **244** |
| Burunga | 36 | 3 | 4 | 15 | 66 | 42 | **166** |
| Butanyerera | 15 | 3 | 4 | 7 | 54 | 33 | **116** |
| Gitega | 11 | 3 | 3 | 12 | 120 | 51 | **200** |
| **Zose hamwe** | **102** | **10** | **57** | **44** | **407** | **176** | **796** |

## *I.4. KU GATEKA KA ZINA MUNTU* *(Ibikurikira urupapuro 9)*





### *Igicapo 2 : Ikigara cerekana abakoze ayo mabi hamwe n'aho barangwa*

Ikigara cerekana incuro zose hamwe **663 z'amabi ziri mu migwi 12 y'abakoze amabi yaharuwe muri iki kiringo bafatiyeko**. Incuro nyishi zerekeye abantu batamenyekanye**hamwe n'ayindi migwi**. **Bujumbura** na **Gitega** nizo ntara zakozweko. Ni ngombwa ko tumenya ko uko ayo mabi aba bidatandukanye n'ibikorwa n'ayandi akorwa n'abandi bantu bo muri izo nzego za Reta.

| Abikekwako icaha | Buhumuza | Bujumbura | Burunga | Butanyerera | Gitega | Bose hamwe |
|---|---|---|---|---|---|---|
| Abapolisi | 2 | 22 | 23 | 11 | 10 | 68 |
| Abo mu ntwaro | 3 | 2 | 5 | 4 | 3 | 17 |
| Iperereza | 1 | 13 | 3 | 5 | 1 | 23 |
| Iyindi migwi | 4 | 45 | 29 | 18 | 39 | 135 |
| Abataramenyekana | 31 | 64 | 41 | 27 | 83 | 246 |
| Uburozi | 0 | 1 | 0 | 0 | 2 | 3 |
| Imbonerakure | 11 | 33 | 18 | 19 | 28 | 109 |
| Ubwicanyi bw'abana | 0 | 6 | 7 | 3 | 8 | 24 |
| Ukwihanira | 2 | 0 | 0 | 0 | 0 | 2 |
| Abasirikare | 1 | 5 | 1 | 0 | 2 | 9 |
| Ugutwagwa | 0 | 0 | 0 | 0 | 1 | 1 |
| Ukwihora | 11 | 18 | 23 | 16 | 20 | 88 |
| **Bose hamwe** | **66** | **209** | **150** | **103** | **197** | **725** |


## *I.4. KU GATEKA KA ZINA MUNTU*(*Ibikurikira urupapuro 10*)




***Igicapo 3: Ikigara cerekana ivyakozwe n'ubutegetsi kubakorewe ivyago***

Muri kino kiringo, umuhari Iteka warabonye akarusho ugereranije ku nyifato y'abarongozi b'igihugu ku mabi yavuzwe aho hari ivyakozwe n'abajejwe ibitandukanye mu gihugu.Ico kigara cerekana ivyakozwe ugereranije n'umugwi w'amabi yakozwe ku gateka ka zina muntu canke ubwicanyi .

| Ubwoko bw'amabi | Igitigira c'amabi | Igitigiri c'ivyakozwe | Aho atacakozwe |
|---|---|---|---|
| Uguhagarikwa | 49 | 11 | 38 |
| Ayandi mabi | 10 | 1 | 9 |
| Ukunyuruzwa | 51 | 12 | 39 |
| Ukuboreza igufa | 42 | 15 | 28 |
| Ubwicanyi | 351 | 146 | 204 |
| Amabi afatiye ku gitsina | 160 | 108 | 52 |
| Vyose hamwe | 663 | 293 | 370 |



***I.4. KU GATEKA KA ZINA MUNTU** (Ibikurikira urupapuro11)*

Ku ncuro 663 z'amabi yaharuwe mu kiringo cafatiweko ,incuro 293 niho hari ivyakozwe ,biri mu migwi 4 nyamukuru,kugira haboneke umuti.Amabi amwe amwe yaratorewe umuti ,mugihe ayandi akiriko arihwezwa,n'amatohoza ariko araba kugira haboneke inyishu zibereye.Ariko turanegura ukubona amabi amwe amwe atigeze akurikiranwa n'abo mu ntwaro naho bari bayazi. Ico kigara gikurikira kirerekana ubwoko bw'ivyakozwe ku bwoko bw'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu.

| Ubwoko bw' amabi | Amatoho-za yo hagati | Amatohoza yo mu butungane | Ibihano | Ugutangaza | Aho atacakozwe |
|---|---|---|---|---|---|
| Uguhagarikwa | 1 | 8 | 2 | 0 | 38 |
| Ayandi mabo | 0 | 1 | 0 | 0 | 9 |
| Ukunyuruzwa | 6 | 4 | 0 | 2 | 39 |
| Ukuborezwa igufa | 4 | 7 | 2 | 2 | 28 |
| Ubwicani | 14 | 115 | 3 | 14 | 204 |
| Ihohoterwa rifatiye ku gitsina | 11 | 90 | 2 | 5 | 52 |
| **Vyose hamwe** | **36** | **225** | **9** | **23** | **370** |


Umuhari Iteka uratera intege igwirirana ry'ibikorwa kw'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu riguma ryibonekeza kubera nibwo buryo bwonyene bwo guteza imbere agateka ka zina muntu hamwe n' ubutungane kuri bose.


Naho hari iyo ntambwe kuvyerekeye ibikorwa n'ubutegetsi,uguhungabanya CNIDH mugusubiriza vyihuta kandi biciye kubiri n'amategeko aba komiseri bose vyaragize ingarukambi mu kwiga imanza z'abapfungwa naririya rwari rwo rwego rwagira rudahengeshanya ingendo mu mabohero rwonyene kandi rwashobora kugira ico rusavye kikizerwa. Umuhari Iteka ufatira ku twigoro tw'umukuru w'igihugu muri uno mwaka two gutezurira amabohero kugira yishure kuvyasabwe n'abafasha uBurundi na CNIDH igira ingendo z' urutavanako muri ayo mabohero .Ku mahirwe make,kubwo amasoko atandukanye,umugwi mushasha w'abakomiseri ba CNIDH ntibakunda kugira ingendo mu busho hamwe n'ingendo mu mabohero kiretse rimwe na rimwe.

Umuhari Iteka wakiranye umubabaro ko ubuzima mu maboro buguma bwunyuka.Muri kino kiringo c'amezi 12 agize iki cegeranyo,abapfungwa bariyongereye bimwe biboneka, bavuye kuri 11437 (11368 bapfunzwe na 69 b'inzoya)bisigura urugezo rwa 264,74% (muri 2025) gushika 13063 (12980 bapfunzwe n'inzoya 83) ni ukuvuga urugero rwa 302.28% (muri Ndamukiza 2026), naho abafasha batandukanye baboroga batumirira ubutegetsi kugwiza utwigoro tugamije kugabanya ibitigiri mu mabohero. Urugero rugereranye rw'abanyagihugu bapfunzwe urabiye ku bushobozi bw'ukwakira rwavuye kuri bushobozi bw'ukwakira 264.74%gushika kuri 302.28% ni ukuvuga igwirirana riteye agahinda rya 37.54% mu kiringo c'amezi 12 yonyene. Twomenyesha ko amabohero y'uburundi gushika kuwa 30 Rusama 2026 yaharura abagore 520 bataraciribwa imanza na 525 b'abagore bakatiwe ni ukuvuga kuri bose abagore 1045 bapfunzwe ,abana 32 mu gasho batakatiwe harimwo abakoba 2 hamwe na 134 b'abana bato ni ukuvuga abakobwa 17 ni ukuvu 166 b'abana bapfunzwe. Abo bana bakwiragiye mu mabohero 3, 19 mu gasho k' abagore iNgozi; 50 kigo CRMCL Ruyigi hamwe na 97 mu kigo CRMCL Rumonge.Twomenya ko inzoys 83 ziri kumwe n'abavyeyi bazo ,ni ukuviga abahungu 47 n'abakobwa 36

*I.4. KU GATEKA KA ZINA MUNTU* *(Ibikurikira ku rupapuro 12)*

***Igicapo 4: Ikigara cerekana igwirirana ry'abapfungwa mu kiringo c'amezi 12 (Ruheshi 2025– Ruheshi 2026).***




Igicapo cerekana igwirirana riboneka ry'igitigiri c'abanyororo batarakatirwa hamwe n'abakawe hagati ya Ruheshi 2025 na Rusama 2026,aho benshi ari abakatiwe gusumba abatakatiwe. Muri Ruheshi 2025, haharurwa **5215 batarakatirwa** kuri **6053 bakatiwe**e kandi muri Rusama 2026, harabaye igwirirana ry'ibitigiri vy'abatarakatirwa, biva kuri **5215** gushika kuri **6093**,mugihe igitigiri c'abakatiwe cavuye kuri **6053** gushika kuri **6887**.

## II. IBISABWA

Umuhari Iteka ugira umwihwezo w'ibintu nyamukuru vyaranze umwaka: Igisata ca poritike,ico ubutungane,ic'intwaro,ico umutekano,ico ibidukikije hamwe n'ic'ubufasha.Umuhara itike urashikiriza akababaro kawo ku kudahana ububisha bwibonekeza hamwe no kubona atabikorwa bigaragara ugasaba ibikurikira :

⇒ ***Kuri Reta y'uBurundi:***

1. Gushiraho intwaro rusangi mukubahiriza uburenganzira n'ubwigenge ntayegayezwa ku banyagihugu .
2. Kwerekana ubutwari mugukoresha ingendo ya demokarasi mu gufata ingingo hamwe no mu bikorwa vy'intwaro.
3. Kwubahiriza agateka ka zina muntu, nk'uburenganzira ku buzima, uburenganzira bw' ukudakubagurwa hamwe n'ubwo ukwishira no kwizana,
4. Kubandanya utwigoro tugamije gutezurira amabohero mu gufata ingingo z'ikigongwe c'umukuru w'igihugu kimaze kwerekana ko ari ngirakamaro.

⇒ ***Ku mushikiranganji w'ubutungane, agateka ka zina muntu no kunganisha ibitsina hamwe no ku mushikiranganji wo hagati,iterambere rusangi hamwe n'umutekano w'abanyagihugu:***

1. ;Gufata ingingo zo kurandurana n'imizi ukudahana ububegito no guhana aba kora amabi y' ihonyanga ry'agateka ka zina muntu bishure akabi bakoze,
2. Gutohoza no guhana bikomeye amabi akorerwa abana bato yabaye ndase mu Burundi abatware barorera hamwe n'abandi banywanyi b'umugambwe uri ku butegetsi ;
3. Kuronsa ubufasha shingiro, harimwo, amazi, amagara,indero hamwe n'ubutungane ,ku banyagihugu bose cane cane abantu babangamiwe harimwo impunzi n'abahungutse .

⇒ ***Umushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi hamwe n'umushikiranganji wo hagati, iterambere rusangi hamwe n'umutekano w'abanyagihugu:***

1. Guhagarika ibikorwa vya poritike mu bigo vy'ishure kkugira bakingire bongere batezimbe uburenganzira bw'indero ku mwana w'umurundi

⇒ ***Umushikiranganji w'ubutunzi,uburyo bukoreshwa n'ubuhinga bwa none hamwe n' umushikiranganji w'ibidukikije,uburimyi n'ubworozi:***

1. Kuronsa abarimyi ifumbire ku mwanya ubereye cane cane umwavu w'ikizungu kandi amashirahamwe ari mu kwegeranya no kugura umwimbu akubahiriza amasezerano ya be na Reta;

⇒ ***Ku mushikirizamanza wa Repuburika noku muyobozi mukuru arongoye amabohero (DGAP):***

1. Gukoresha ata gukikira amategeko atanga uburenganzira ku rubanza runganisha hamwe no guhana amabi arengera uburenganzira bw'abapfungwa ;
2. Garantir le respectKubahiriza umwidegemvyo nshingiro n'agateka k'abantu,kubuza guhagarika biciye kubiri n'amategeko hamwe no kurekura abantu bapfunzwe biciye kubiri n'amategeko .

⇒ ***Ku bafasha muvyo ubuhinga n'ubutunzi Reta y'u Burundi harimwo NU, UE n'abaserukira ibihugu bakorera mu Burundi,n'ahandi.***

1. Guhamagarira Reta y'uBurundi kuvyo yiyemeje mu bijanye n'ukubahiriza uburenganzira ntashingiro hamwe no gusaba guhindura inzego kugira bakinge amabi mashasha ;
2. Gushigikiragukingira abaharanira agateka ka zina muntu hamwe n'abamenyeshamakuru , bafise uruhara ngirakamaro mu kudomako urutoke ivyaha;

3. Gukwirikirana neza iyubahirizwa ry'amasezerano na Reta y'uBurundi hamwe no kuyisaba ivyegeranyo kubijanye n'ukubahiriza agateka ka zina muntu ;
4. Kubahiriza amategeko mpuzamakungu mu bijanye kubahiriza agateka ka zina muntu n'intwaro ibereye hamwe n'ukuraba ko imfashanyo itangwa mu Burundi ishikira abanyagihugu,bagenewe ubufasha muzamakungu ;
5. Gukwirikiranira hagufi ubutegetsi butwaza umukazo hamwe n'ubutumwa bubiba urwanko mu Burundi hamwe no gukorera ku gihe ciza cane cane mu bijanye n'imigenderanire n'amakungu ;
6. Gushigikira mu buryo bw'amahera n'ibikoresho amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu akora hamwe n'amashirahamwe afasha abantu akora mu vyo abahunze n'impunzi mu Burundi ;
7. Gukoresha ububasha bwabo mu kugondoza Reta y'uburundi ngo yubahirize ivyo yiyemeje vyo gukingira agateka k'abantu.

⇒ ***Ku bihugu bifise poritike yo gusubiza impunzi muzabo:***

1. Kworosha igikorwa co gusubiza mu vyabo impunzi z'abarundi.zihura n'ivyago vyinshi bijanye n' ubufasha budakwiye baronka bwo kubabeshaho,mu bijanye n'amagara hamwe n'indero,ibijanye n' umutekano muke bafise hamwe n'imitego iri mw'isubizwa muvyazo mu mibano n'ubutunzi mu bihugu bimwe bimwe;

⇒ ***Ku bihugu vyakiriye abasaba ubuhungiro b'abarundi cane cane ibihugu vya buraya harimwo Suisse , Norvège,vyo mw'ishirahamwe rya Afirika yo mu buseruko harimwo Tanzaniya hamwe n'ivyo muri Asiya nka Philippines :***

1. Gusubira kwihweza poritike yabo yo kwirukana abarundi basaba ubuhungiro baravye umutekano wabo udafashe mu bihugu vyabo bahunze.

⇒ ***Ku mugwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu mu Burundi (CNIDH):***

1. Gukora amatohoza yigenga kw'ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu hamwe no gushira ahabona ivyegeranyo vyo ku gihe,cane cane ku biziga bitorwa,amabi afatiye ku gitsina akorerwa abana,ukuborezwa igufa,ukuburwa irengero hamwe n'ugupfungwa biciye kubiri n'amategeko.
2. Kuva mu gacerere kugira gira bashire ahabona igitigiri kirenze c'abapfungwa ;
3. Kugira ingendo kumwanya ku mwanya mu busho no mu mabohero nk'uko amategeko agenga umugwi abivuga,ivyo mu ntumbero yo gutororokanya amakuru yose ku mahohoterwa ahabera hamwe no kugira ibisabo bijanye Reta mu ntumbero yo gusubira kwandika neza amabi yakozwe ku gateka ka zina muntu hamwe no kugabanya igitigiri c'abapfungwa ;
4. Gukora ivyegeranyo vyo kumwaka ,nk'uko amategeko awugena abivuga,mu ntumbero kumenyekanisha n'uguteza imbere ukubaha agateka k'abantu ;
5. Gukorana n'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu aho kuyarwanya.

⇒ ***Kw'ishirahamwe rya Afirika ku gateka ka zina muntu n'abanyagihugu (CADHP)hamwe no ku mugwi w'ibihugu vyunze ubumwe ugwanya ihohoterwa :***

1. Kugendera amabohero yo Burundi no kubandanya rikwirikiranira hagufi iterambere ry'uko abapfungwa bafashwe muri iki gihugu,mu ntumbero yo kugira

ibisabo vyo kubarekura canke ko bofatwa uko amategeko mpuzamakungu abitegeka.

⇒ ***Ku mugwi w'agateka ka zina muntu, GANRHI hamwe n'umugwi uwuserukira :***

1. Gusubira gusuzuma amategeko agenga umugwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu mu Burundi 'CNIDH'.

⇒ ***Ku mashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu:***

1. Gukwirikirana uko agateka ka zina muntu kifashe mu Burundi hamwe no guharanira gukingira ubwigenge shingiro;
2. Guharanira gukorera hamwe ku nyungu zo gukora neza kandi ibirama muvyo bashira imbere bitandukanye,
3. Apporter un soutien Gushigikira abagize amakuba y'ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu hamwe no guharanira ubutungane kuribo.

## *III. INTUMBERO Z'ICEGERANYO*

Umuhari Iteka wasohoye iki cegeranyo c'umwaka inyuma y'amatora y'amakomine hamwe n'abashingamateka ku vyerekeye agateka ka zina muntu mu Burundi mu ntumbero yo:

- -Gukangura Reta y'uburundi mu ntumbero yo kubahiriza agateka ka zina muntu hamwe no kurwanya ukudahana amabi ;
- -Gufasha ayandi mashirahamwe gukurikira uko agateka ka zina muntu kifashe mu kiringo c'iki cegeranyo,mu kudomako urutoke ingorane hamwe n'intambwe yatewe ;
- -Gutanga umuco ku bafata ingingo za poritike,amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu hamwe n' amashirahamwe mpuzamakungu mu gufta ingingo no mu bikorwa vyabo biraba Uburundi ;
- -Gukangura ivyiyumviro vy'abanyagihugu canke mpuzamakungu ku kibazo binegura bijanye n'agateka ka zina muntu hamwe n'umutekano mu Burundi, hamwe no kurwanira impinduka canke ibikorwa vy'umwihariko.

## *IV. UBUHINGA BWAKORESHEJWE*

Umuhari Iteka usohora ku kumwanya ivyegeranyo bise Iteka n'ijambo ku ndwi ku ndwi,hamwe n'ivyegeranyi vyo ku kwezi ku kwezi,ku mezi abiri,ku mezi atatu,no ku mwaka, amakuru hamwe n'ivyegeranyo ku vyerekeye agateka ka zina muntu hamwe n'umutekano. Ivyo vyandiko bihambwa abafasha batandukanye,cane cane Reta y'Uburundi hamwe n'amashirahamwe atandukanye hamwe n'abafasha mu vy'ubuhinga ndetse nuburyo.

Iki cegeranyo kiva mu gukurikirana cane bikorwa n'abakutsakivi hamwe n'abacukuzi b'umuhari Iteka,bakora kw' izina ryabaharanira agateka ka zina muntu mu gihugu cose. Abanywanyi b'uyo muhari barangwa n'ubuntu hamwe no kwitanga,biyemeza gukinga amabi ahonyanga agateka ka zina muntu mu kubandanya bakurikirana hamwe no gutohoza abakoresha igikenye hamwe n'amabi akorwa n'ubutegetsi buhari bucinyiza abanyagihugu.

Ubuhinga bwo kurondera amakuru bwakoreshejwe mu gusuzuma uko agateka ka zina muntu mu Burundi ku ntwaro ya Ndayishimiye Evariste bushingiye ku buryo bwiyongera kandi bukabije.Uburyo bwo kurondera amakuru bushingiye ku nyifato nibwo bwashijwe imbere,bisigura ko ukwegeranya amakuru hamwe n'ugukora amatohoza nku bantu bakenewe,nk'abaharanira agateka ka zina muntu,abanywanyi b'amashirahamwe yigenga hamwe n'abakozi bo mu ntwaro. Ubwo buhinga butuma vyoroha kwegeranya imice yose ku vyerekeye agateka ka zina muntu mu Burundi, batanga gutyo amakuru yizewe y'ingorane bahura nazo hamwe n'intambwe zakozwe kuva Ndayishimiya ashika ku butegetsi muri Ruheshi 2020. Vyongeye,amatohoza yarakozwe n'abakorewe amabi yerekeye agateka ka zina mu ntu kugira haboneke intahe nyazo,bigaha inguvu gutyo ugusesangura mugushingira ku makuru babayemwo.

Ariko, mu cegeranyo cacu co ku ndwi ku ndwi Iteka n' Ijambo,iki cegeranyo gishirahamwe amakuru yo mu mwaka wose kuva kuwa 01 Ruheshi gushika kuwa 31 Rusama 2026. Ububiko bw'amakuru y'ishirahamwe aho amakuru yose arimwo akabanga yafashije ku bigara hamwe nuburorero buvyerekana.

## *V. UKO AGATEKA KA ZINA MUNTU KIFASHE MURI RUSANGI VYATOHOJWE MU KIRINGO C' ICEGERANYO*

### *V.1. UBURENGANZIRA BWO KWIGENGA NO MURI PORITIKE*

*UBurundi buri mu bihugu vyashize umukono ku masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'ukwigenga na politike(1965) hamwe n'amategeko yaryo mpfatakibanza (1976) ntabanduka kuwa 9Rusama 1990,icatumye mu ntumbero yo kuyashira mungiro,uBurundi bufata ingingo ingingo mu mategeko abugenga nko mw'ibwirizwa shingiro ryo kuwa 7 Ruheshi 2018(Itegeko kizigenza) mu ngingo yaryo 19 ivuga koamategeko yose yasomwe kandi agashigwaho n'amategeko mpuzamakungu yashizweko umukono ko ashizwe ashizwe mw'iryo bwirizwashingiro,amategeko arishira mu ngiro yarashizweho nko mw'itegeko mpanavyaha ryo kuwa 29 Kigarama 2017 no mw'itegeko rishira mungiro ibihano ryo kuwa 11 Rusama 2018 hamwe n'ayandi mashirahamwe akingira agateka ka zina muntu mu Burundi yarashizweho.*

### *V.1.1* .UBURENGANZIRA KU BUZIMA

Mu kiringo c'iki cegeranyo,umuhari Iteka watohoje abantu 407 bishwe,bingana ibice 51,13% kubakorewe ayandi mabi yatohojwe. Twomenya ko muri abo 407 bishwe,269 batowe ibiziga ,kenshi harimwo ibimenyetso vy'ihohoterwa. Vyongeye,twomenyeshako abantu 57 baranyurujwe bongera baburwa irengero,bigira ibice 7,16 % . Tumenyeshe kandi ko muri abo bantu bishwe,harimwo abana 35 harimwo 18 batowe ibiziga.Amabi menshi yabaye ku bintu bidatahuritse, kandi abakoze ayo mabi ntibamenyekanye ,nkuko vyamenyeshejwe ubwa mbere. Ariko,abantu bamwe bamwe bishwe n' Imbonerakure,ku bantu bangana 18 ;abandi bishwe n'abaporisi,ku bantu 11 bamenyeshejwe,hamwe n'abasirikare ku bantu 5.

#### *V.1.1.1. UBWICANYI BWATEGUWE*


*Itegeko riremera ko , agateka k'umuntu gategerezwa kubahirizwa kandi kagakingirwa na Reta kandi mu gihe co gutanga ibihano itegeko ritegerezwa gukurikizwa ku bagirwa n'icaha,ingingo ya 21 mw'ibwirizwa nshingiro ry'igihugu.*

Mu kiringo c'iki cegeranyo,umuhari Iteka watohoje incuri 351 z'ubwicanyi mu gihugu cose. Ku ncuri 351,407 barahasize ubuzima,harimwo 269 batowe ibiziga. Muri abo bishwe,haharuwe abakuze 350 hamwe n'abana 57. Ni nkenerwa kumenyesha ko,muri abo bantu 407 bishwe,310 ni abagabo hamwe n'abagore 97. Gitega na Bujumbura ziza imbere nk'intara zakozweko cane ku bantu bangana uku gukurikira abantu 120 na 115.

***Igicapo ca 5 : Ikigara cerekana abantu bishwe mu kiringo co kuva muri Ruheshi 2025 gushika muri Rusama 2026***

| Intara | Incuro z'ubwicanyi | Igitigiri c'abishwe | | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|---|
| | | Abishwe | Ibiziga vya-towe | | |
| **Buhumuza** | **44** | 29 | 23 | 36 | 16 |
| **Bujumbura** | **84** | 36 | 79 | 98 | 17 |
| **Burunga** | **58** | 18 | 48 | 45 | 21 |
| **Butanyerera** | **45** | 22 | 32 | 44 | 10 |
| **Gitega** | **120** | 33 | 87 | 87 | 33 |
| **Zose hamwe** | **351** | **138** | **269** | 310 | 97 |
| **Butanyerera** | **45** | 22 | 32 | 44 | 10 |
| **Gitega** | **120** | 33 | 87 | 87 | 33 |
| **Grand Total** | **351** | **138** | **269** | 310 | 97 |

*V.1.1 UBURENGANZIRA KU BUZIMA (Ibikurikira urupapuro18)*




***Uburorero buvyerekana***

***Abishwe n'abaporisi:*** ***Ak1:*** Kuwa 2Nyakanga2025, hafi igihe c'isaha 11, ku gacimbiri Nyabisaka,umutumba Ntobwe,komine n'intara ya Gitega,Remegie MUREKAMBANZE,avuka ku mutumba Rweza,zone Mungwa agendesha ipikipiki,umunywanyi w'umugambwe CNL wa Agathon Rwasa,yarishwe arashwe amasasu 22 na Butoyi Elie,umupolisi yarahejeje kumuhagarika.Kubwo ivyabona vyaho,uwo yagize ivyago yari kumwe n'umugenzi wiwe Irakoze Salatiel mu bunywero bwo kwa Nzayumaze Pascal,umudandaza akongera afise n'inzu y'ubudandarizo. Uwo mudandaza yari abajije Remegie n'umugenzi wiwe amahera angana na 87.000 fbu hama baraharira basaba ahubwo ko bobandikira ivyo bafashe. Umudandaza rero yaciye ahamagara umupolisi Butoyi Elie, amubarira ko umunywanyi wa CNL yateye akajagari hanyuma umupolisi,arikumwe n'uwo bakorana baraje baca bategeka iyo misore 2 kurira ipiki 2 kugira babajane ku kirindiro c'abapolisi co muri zone Mungwa kugira baje kwisigura.

Remegie MUREKAMBANZE yagiye abona ahagaritswe n'igipolisi atansiguro zihabaye kandi yaciye yurizwa ku pikipiki hanyuma asaba umupolisi amujanye ku pikipiki ngo ahagarare gato kugira agure ashire amahera muri terefone kugira abone kumenyesha umuryango wiwe ko yafashwe.Kubwo ivyo vyabona nyene,umupolisi ntiyabimwemereye hanyuma bahaririye umwanya mutoya umupolisi yasunuye Remegie Murekambanze amurasa amasasu 22 aca arapfa ubwo nyene.Ikiziga c'uwo caratowe n'ingendeshwa ya musitanteri wa komine Gitega,muganga Jacques NDUWIMANA,kugira kije mu buruhukiro bw'ibitaro vya Gitega kandi umupolisi yari yamaze guhunga.Inyamiramabi Manirakiza Dismas yaranditse mu cegeranyo ciwe ko umupolisi yarashe kubera uwo yagize ivyago yashaka kumwaka ikirwanisho ciwe ariko ivyo biragwanywa n'ivyabona vyose vyari bihari,bemeza ahubwo ko bwari ubwicanyi bwateguwe.

---

—***Ak 2:*** Ku wa gatandatu mw'ijoro ryo ku wa 4 Ndamukiza 2026 gushika ku wamungu wa Pasika yo kuwa 5 Ndamukiza 2026,umuporisi

yitwa Irankunda Osias yararashe Nininahazwe Nestor,umugabo w'imyaka 30 afise ubunywero bwitwa ″Kwihuriro",ku mutumba KIBUNGERE,muri komine Nyabihanga, mu ntara yaeGitega. Umuhisi yari yubatse afise abana 2.

Amasoko yahoo,avuga ko uwo muporisiyakora kuri paruwasi sources Kibungere muri iyo komine,yaje muri iryo joro muri ubwo bunywer aca atangura gusotora abariko bivuna akanyota. Aca atangura kunywa ku macupa yabo.

Ariko Nestor Nininahazwe,nyeneubwo bunywero,yaranse ko umuporii anyw izoga yanje iri kw'icupa ryiwe.

***II.1.1.UBURENGANZIRA KU BUZIMA*** *(Ibikurikira urupapuro 9)*

Kubw'agashavu , yavciye agenda aho abaporisi bakora kuri paruwase baryama,hanyuma agaruka afise inkoho yiwe. Yaciye buno nyene arasa amasoro menshi kuri Nestor mu gikiriza.Yaciye apfira ahonyene.Uyo muporisi yaciye aja kwinyegeza mu bigo vya paroise Kibungere.

Niho abanyagihugu bamufata imbere yo kumushikiriza abajejwe umutekano kugira bamujanye mw'ibohero rya komine Nyabihanga kugira abazwe. Abanyagihugu bo muri ako karere bipfuza ko uyo muporisi yohanwa hakurikijwe amategeko.Bagasaba kandi ababifitiye uburenganzirakubuza gutwara ibikoresho bicira umuriro mu bunywero.

---

## ⇒ *Abishwe n' Imbonerakure:*

***Ak3*** *:* Ku wa 23/7/2025, isoko ryacu ritumenyesha ubwicanyi bwahitanye umugabo yitwa Ntamahungiro Cyprien afise imyaka 27 wo mu bwoko bw'aba Hutu kandi akaba umurimyi n'umunywanyi w'umugambwe CNDD-FDD.

Umuhisi Ntamahungiro Cyprien ubwambere yarahagaritswe n'umugwi w'Imbonerakure zica zimwagiriza ko yononye umurima w'imyumbati w'umubanyi wiwe w'umupfakazi yitwa Makurata. Munyuma, uwitwa Rukundo Claude batazira Nyangoma yamuhanishije gukubiwa inkoni.Akubiswe,Cyprien yaruhiye gupfa amaze gupfungwa ku kirindiro c'abapolisi ca Kiri.Nyangoma yarafashwe n'igipolisi aca ajanwa mw'ibohero ry'iyahoze ari komine Bugabira aho urubanza rwiwe ruriko rurigwa.Abo bari kumwe barahunze. Twomenyesha ko iyo ngendo mbi yibonekeza kuri abo bitirira umutekano waho.

---

—***Ak4:*** Mw'ijoro ryo kuwa gatanu igenekerezo rya 23 Nzero 2026,umugwi w'Imbonerakure waragize igitero bakoresheje igisasu ntezwantoke k'umuryango wa Ntadugira Isaac na Macumi Anne Marie hamwe n'abana babo bava ku mutumba Bihogo, zone Gasorwe ya komine Muyinga.
Kubw'amakuru twaronkeye aho nyene,barakomeretse cane kandi umwe mu bana babo yaraciwe ukuguru.Abandi baciye banyarukanwa ku bitaro bikuru vy'i Rusimbuko ariko inyuma yaho baciye barungikwa vyihuta i Ngozi aho nyina w'abana Anne Marie yahavuye acikana. Abandi baracariko baravurwa.
Amasoko yacu avugako babiri bo muri izo mbonerakure, Harongintore Salathiel na Ndaruzaniye bose bagirizwa ayo mabi barahagaritswe, bari mw'ibohero rya Zone Gasorwe kandi baremera ikosa mugihe uwundi umwe yitwa Arnaud Toto yashoboye guhunga.
Birakenewe ko tubamenyesha ko amasoko amwe amwe avugako uyo muryango woba wagirizwa n'abadandaza babiri b'ababanyi ko woba uroga.Abo badanzaza,barabuze nyina wabo vuba kandi bavugako uwo umuryango woba ariwo wamwishe.Bamwe, bavugeko ko izo Mbonerakure zoba ziri inyuma y'urwo rupfu ,Abandi bakanemeza ko izo mbonerakure zoba zarahembwe n'abo badandaza2 kugira bakore ikibi nk'ico kigayitse.

---

## *Abishwe n'abasirikare:*

***Ak5****:* Kuwa 17 Nzero 2026, hafi igihe c'isaha 5 z'ijoro,umusirikare yararashe umunyagihugu ,aca arahwera,ku mutumba Gakungwe, muri zone Ramba, komine Mugere, intara Bujumbura.Uwo musirikare yakorera aho acunga DIFO,kiri kuri uwo mutumba,ku nkengera y'ibarabara ry'igihugu RN3,Kuri iyo saha,umunyagihugu wo ku mutumba Ramba,yitwa Eric,yatshe n'amaguru yanyoye akarahuri mu Ruziba.Ashitse ahantu uwo ajejwe umutekano yari ari,yaramuhagaritse.Ugushamirana vyarakwirikiye,mugihe abo uko ari 2 bari baborewe.Ni muri ico gihe uwo yaciye arasa Eric,yapfuye kubera ibikomere.Amaziko y'umuhisi y'umuhisi yategekanijwe kuwa 19 Nzero 2026.Umuryango w'umuhisi usaba ko uwo yabahekuye yomenyekana,ko yojanwa kwishura ivyo yakoze mu butungane,kandi ko yohanwa hakwirikijwe itegeko ngenderwako.

***Ibiziga vyatowe:***

*Ak6:* Umusi ugira 19 wo mukwezi kwa Ruhuhuma 2026 wabaye umusi mubi kuri Ciza,w'imyaka 40 avuka i Nyempundu, zone Nyamakarabo,komine Mugina.Mu buryo ubutegetsi canke igipolisi baterekanye n' amatohoza, uwishwe Ciza yaraborejwe igufa imbere yo kwicwa.

Ubwo bwicanyi bwoba bwateguwe imisi mikeya imbere hanyuma bukorwa ku musi wa gatatu kw'igeneke-rezo rya 18 Ruhuhuma 2026 mugihe uwo yishwe yari atashe avuye mu Gikomero,ku murwa mukuru w'agatumba Nyempundu.

Amasoko yacu adomako urutoke kuri ubwo bwicanyi bubaye kenshi muri zone yo ku mupaka,Imbonerakure ziyerereza kandi kenshi zija mu bategera abarengana bajabuka uruzi kugira bagende canke bave mu Rwanda, zidomwako urutoke n'abanyagihugu ko arizo zakoze ubwo bwicanyi. Abo bari bafise im-pungenge ko uwo bishe yakunda gukora mu mirima iri ku nkengera y'uruzi Ruhwa ,yobashengeza ku gisirikare canke mu gipolisi.Abo batohoje kuva kera ku bantu bari mu busuma,mu kujabukana inzahabu n'ikawa mu Rwanda no kuri uwo mutumba,Imbonerakure zonyene nizo ziwi muri bwene ubwo bubisha kandi uwishwe yari azi bamwe muribo.

Mugihe hari icuka c'imigenderanire mibi kubera amatatí mu karere kandi aho biraba Uburundi n' Urwanda,abanyagihugu b'i Mugina ,cane cane mu mazone ahana urubibe n'Urwanda asaba umukuru w' igihugu,aherutse kugenwa ngo arongore ubumwe bwa Afirika,agira ico akoze hugururwe imbibekugira barabire hamwe umutekano hagati yaKongo,Urwanda n'Uburundi kubera abarwanyi barengana nk' interahamwe za FDLR hamwe n'abakora urudandaza rwo mukinywabi bama batera ubwoba kandi vyahitanye abantu muri ayo ma zone.

---

*Ak7:Kuwa 24 Rusama hafi y'isaha cumi na zibiri z'igitondo,ku mugwa mukuru wa zone Mugera, murikomine Gisagara, mu ntara ya Buhumuza,ikizig ca Jean Claude w'imyaka 50,umukukuruke yahoze mu gisirikare ca Reta ,yatowe n'abahita bagiye mu misa ya mbere. Kubwo ivyabona vyo muri ako karere,impuzu z'umuhisi zari zatabaguritse ibituma bibazako zoba zatabutse ariko agerageza kwirwanira kandi yarafise igikomere kinini mu maso. Ku bwo ivyo vyabona nyene,imvo za poritike zoba arizo ziri inyuma y'urwo rupfu kubera umuhisi yari mu mugambwe CNL,ibaba ry'umwubahwa Agathon RWASA. Ikiziga cajanywe mu buruhukiro bw'ibitaro vyakomine Mishiha mukurindira ko ashingurwa. Musitanteri wa komine Gisagara, NZIRUBUSA Japhet avuga ko atavyo yarazi ariko ko agiye kubitohoza kubera ari mu rugendo rw'akazi mu gihugu c'Ubushinwa.*

***Uwo uri wese ubahirizwa***

*V.1.1.2. UKUNYURUZWA NO KUBURWA IRENGERO*

Ibwirizwa shingiro ry'Uburundi riremerera abantu bose gucirirwa urubanza co kimwe ,hamwe n'ukumvirizwa n' ugucirwa urubanza mu gihe cemewe n'amategeko,nkuko ingingo ya 38 ibivuga.Ariko ku rubuga,ubunenge bukabije kuri iyo ngingo buribonekeza.


Mu kiringo kigizwe n'iki cegeranyo,incuro z'abanyurujwe canke bakaburwa irengero mu Burundi vyerekanye ingorane zikomeye mu bijanye n'umutekano hamwe na poritike mu gihugu. Incuru nyinyi zatohojwe zerekana aho abantu ,babonwa nk'abatavuga rumwe canke bikekwa gusa,banyurujwe n'abajejwe umutekano canke abo bafadikanya"urwaruka rw'umugambwe uri ku butegetsi".

Abo banyurujwe baburwa irengero kenshi mu bibanza bitazwi,basiga imiryango yabo mu bibazo bikomeye kuvyerekeye uko bafashwe hamwe naho bapfungiwe.

Bose hamwe, incuro 51 z'abanyurujwe zaraharivwe n'umuhari Iteka mu kiringo kigizwe n'iki cegeranyo. Ku ncuru 51 zatohojwe,abantu 57 nibo banyurujwe harimwo abagabo 45 n'abagore 12.

*Igicapu ca **6 :Ikigara cerekana abantu banyurujwe mu kiringo co kuva muri Ruheshi 2025 gushika kuwa 31 Rusama 2026***

| Intara | Incuro banyurujwe | Igitigiri c' abanyurujwe | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|
| **Buhumuza** | **6** | 6 | 3 | 3 |
| **Bujumbura** | **34** | 40 | 34 | 6 |
| **Burunga** | **4** | 4 | 2 | 2 |
| **Butanyerera** | **4** | 4 | 3 | 1 |
| **Gitega** | **3** | 3 | 3 | 0 |
| **Zose hamwe** | **51** | **57** | **45** | **12** |




## *Uburorero buvyerekana*

⇒ ***Abanyurujwe n'abakozi b'iperereza***

***Ak1** :* Kuwa 14 Kigarama 2025,mu gitondo, ku mutumba Kariba, zone Kanka,komine Mwaro, intara Gitega. Tharcisse Ndirekuramba, afise imyaka 40 w'umwigisha,azwi nk'umunywanyi akomeye mu mugambwe CNL kandi yegereye Agathon Rwasa yarafatiwe muhira iwe n'inguvu bikorwa n'abantu boba,kubwo amakuru yaho,ari abo mw'

igendereza ry'igihugu.Abamunyuruje bari mu ngendeshwa yo mu bwoko bwa Camionette y'ivyumba bibiri n'ibiyo bitabona.

Bari kumwe n'imisore 2 y'Imbonerakure yo muri ako karere,Augustin,umuyobozi w'ishure shingiro Rubamvyi na Ndayizeye Sostène, Imbonerakure yitanga ari umuhanuzi wa musitanteri ajejwe ivy'ubutungane.

Iyo Tharcisse Ndirekuramba yajanywe ntihazwi kandi abiwe bafise amakenga  ku mutekano wiwe.

---

*Ak2:* Inkuru yadushikiriye mu muhari Iteka ku wa 5/11/2025 ivuga ko ku wa 30/10/2025, abahoze ari abanywanyi b' umugambwe CNL 2, Nishimwe Egide umukuru w'umutumba Nyarusebeyi hamwe n'umubanyi wiwe Ndikumana bose uko ari babiri bahindutse abanywanyi b'umugambwe CNDD-FDD baranyurujwe.Abo bose bavuka muri komine imwe Buhoro.

Mu mwanya wambere abo barahagaritswe n'abakozi b'igendereza batazwi i Mugina barikumwe n'Imbonerakure harimwo uwuzitwara ku rwego rwa komine Theogene Bivahagumye.Bari bagiye kuraba umuntu ku mutumba Mayuki igihe bahagarikwa hafi isaha 8 baca batwarwa ku murwa mukuru wa komine Mugina,barabohewe mw'ibohero rya Brigade ya Mabayi.

Bukeye bwaho,imiryango y'abapfuye baragiye kubaraba ariko ku gutangara,ababo ntibari bahari.Kubwo ivyabona vyaho,umupolisi yari arariri ye ibohero yabamenyesheje ko abo barungitswe igihe c'isaha 3 z'ijoro,kuru uwo musi nyene bahagarikwa,ivyazanye amakenga menshi ku ncuti z'abagize ingorane.

Zone Buhoro basa n'ikirimbiro ry'igendereza ry'igihugu hamwe n'Imbonerakure za CNDD-FDD kubera abatavuga rumwe na Reta ari benshi kandi havuka abahoze ari abashingamateka 2 batavuga rumwe na Reta harimwo Phenias NIYIGABA wa FRODEBU na Simon BIZIMUNGU wa CNL.Itunze abanywanyi batavuga rumwe na Reta benshi bahindutse aba CNDD-FDD kumvo z'umutekano wabo ariko uko guhinduka ntikubaha umutekano kubera imisi yose baguma bakubagurwa bongera baturubikwa.Abo 2 baheruka kugira ingorane bagirizwa gukorana na RED TABARA kuko batavanye n'abanywanyi ba CNL.

Iryo nyuruzwa riteye amakenga birengeje mu gihe atari uwa mbere.Mu 2024,hagati ya Ruhuhuma na Ruheshi,abantu 5 baranyurujwe kandi ntibigeze bagaruka mu miryango yabo.

---

*AK3:* Ku wa 03/10/2025, muri komine Mukaza,intara ya Bujumbura,Pascal Nshimirimana,afise imyaka 43, yahoze ari umusirikare w'igihugu(caporal-chef),avuka ku gatumba Ndava,zone Mahwa,komine Matana,intara ya Burunga yaranyururijwe ku kazi kiwe(yugura ku bitaro Polyclinique Roi David), iruhande y'ibanki BBCI n'abakozi b'igendereza ry 'uBurundi.Kubwo amasoko mu bamwegereye,abantu bari mu ngendeshwa yo mu bwoko bwa Probox ifise ibiyo bitabona bamusimbiyeko hanyuma Pascal Nshimirimana yarageragej e kwihagararako abaza igituma bamuhagarika.Kubwo izo ntahe nyene, abandi bambaye umwambaro w'igipolisi bari mu ngendeshwa yo mu bwoko bwa pick-up kandi bari bahagaze kure y'umuryango w'ivyo bitaro,barururutse vyihuta kugira bafashe abo bambere gufata uwitwa Pascal Nshimirimana.Uwagize ivyago yarurijwe ingendeshwa ya mbere( probox)ica igenda yiruka cane igana ibarabara rica iruhande y'inyubakwa z'iyahoze ari Marie de Bujumbura,Kuva uwo musi uwitwa Pascal Nshimirimana ntaraboneka

---

***Abanyurujwe n'abantu batamenyekanye:***

*Kubwa Musenyeri Martin Blaise Nyaboho arongoye CNIDH chadia yaravuganye n'uwo bakorana kuri terefone imbere y'uko aburwa irengero.*

*Umuryango wiwe hamwe n'abo bakorana bararondeye ahantu henshi,ariko ntibamutora.Bashikiriza ko bafise amakenga menshi  ku mutekano wiwe kandi basaba amatohoza yigenga kw'ibura ryiwe.*

*Umukuru waCNIDH  nawe nyene amenyeshako ata makuru yiwe afise kuko terefone yiwe,kuva uyo munsi,irazimije*

***V.1.1.2. UKUNYURUZWA CANKE KUBURWA IRENGERO*** *(Ibikurikira urupapuro 23)*

*kandi igiporisi kivuga ko amatohoza ariko arakorwa kugira batore uwo mukozi wa CNIDH.*

*Umuhari Iteka warondeye kumenya uwamuterefonye ico gitondo,ko ryari irya mbere canke ko bahora bavugana, kandi warabandanije urondera kumenya nimba uwo yabuzwe irengero yarafitaniye ingorane n'abo bakorana ku kazi. Amakuru twaronse amenyeshako yari umugore w'imico myiza ku kazi,iyo asivye vyaraboneka,arico gituma iminsi yose mu gitondo abo bakorana bama bamuterefona kugira bamwunguruze.*

*Uwo munsi ni umupfasoni BAKAMIRIZA Chantal, umunyamabanga mukuru yari yamuhamagaye,yabikora kenshi nk'abandi bakorana ku kazi. Terefone z'uwo yabuzwe irengero,babonyeko yoba yakoreye ubwanyuma mu karere ka nyabugete kandi igitangaje,Igendereza ry'igihugu ryari ryamaze gufata ingongo yo kuja gusaka mu Nyabugete,ariko mu nyuma,baciye babiheba. Umuhari Iteka,ufise amakenga,kucatumye babihindura.*

---

***V.1.2 UBURENGANZIRA BWO KUDAHOHOTERWA KU MUBIRI***


Uburenganzira bwo kudahohoterwa ku mubiri burakingiwe mu Burundi n'amategeko menshi yo mw'ibwirizwa shingiro hamwe no mu mategeko mpuzamakungu.Ibwirizwa nshingiro ry'u Burundi rirubahiriza uburenganzira bwo kubaho,bwo kwishira no kwizana hamwe n'umutekano wa buri muntu wese. Ririyamiriza ukuborezwa igufa,ugufatwa bunyamaswa canke ayandi mabi atagira izina. Igitabo mpanavyahac'Uburundi rirarwanya ivyaha vy'ihohotera ryo ku mubiri,nk'amabi yateguwe,ugukubita no gukomereka,hamwe n'amabi afatiye ku gitsina.

*V.1.2.1. UKUBOREZWA IGUFA ,UGUPFUNGWA CANKE UGUFATWA BUNYAMASWA*

Bose hamwe,incuro 42 zaharuwe n'umuhari Iteka ku butaka bwose bw'igihugu mu giringo kigizwe n'iki cegeranyo. Ku ncuro 42 zatohojwe,abantu 44 baraborejwe igufa,harimwo abgabo 39 n'abagore5.

***Igicapu ca 7 : Ikigara cerekana abantu baborejwe igufa mu kiringo co kuva kuwa 01 Ruheshi 2025 gushika kuwa 31 Rusama 2026***

| Intara | Incuro z' ababorejwe igufa | Igitigiri c' ababorejwe igufa | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|
| **Buhumuza** | **3** | 3 | 3 | 0 |
| **Bujumbura** | **7** | 7 | 6 | 1 |
| **Burunga** | **14** | 15 | 13 | 2 |
| **Butanyerera** | **7** | 7 | 7 | 0 |
| **Gitega** | **11** | 12 | 10 | 2 |
| **Zose hamwe** | **42** | **44** | **39** | **5** |




## *Uburorero buvyerekana:*

***Ukuborezwa igufa no gufatwa bunyamaswa bikorwa n'abaporisi***

*Ak1:* Ku wa 4/9/2025, ku mutumba n'izone Gakungu,komine Musongati,intara ya Burunga,Olivier Twigumanire,afise imyaka 17, yarakubiswe n'abapolisi hamwe na J.Baptiste Niyongabire na Jonas umuhungu wa Maheshwa,Imbonerakure yo kuri uwo mutumba Gakungu nyene bakoresheje inkoni n'ibimoko.

Kubwo amasoko yaho,Olivier Twigumanire afise nyina atwara umugambwe UPRONA muri zone,yaraborejwe igufa bamwagiriza ko yivye igitoro caRuwaya umudandaza waco kuri ako gatumba Gakungu,hamwe no ku mitumba bahereranye.Mugihe ivyo vyakozwe n'uwo bikeka ko ubusuma azwi kuri uwo mutumba yitwa Franck yahunze mugihe yumvise ko umuhungu Olivier yamaze gufatwa.

Kubwo ayo masoko nyene,uwo mwana Olivier Twigumanire,ahejeje kuborezwa igufa n'abapolisi bo kuri uwo mutumba hamwe n'umukuru w'umutumba,uwutwara iyandikiro Barahekenywa J.Claude hamwe n'uwutwara zone Gakungu,Longin vuba cane bagenye nk'uwutwara zone Gakungu, komine Musongati,intara ya Burunga bamutegetse kuriha amahera angana na 460.000fbu uwo mudandaza w'igitoro.

Kuri ubwo,kugira Olivier bishobore kumuvako, yagurishije ikibanza ciwe co kubaka yahawe na se wiwe.Bakuru biwe Sylvain Nkunzimana na Donatien Manirakiza bageragejе kuvyivangamwo mugusaba ubufasha aha n'ahandi barahagaritswe n'abapolisi bo ku kirindiro co kuri uwo mutumba Gakungu baca babapfungira mw'ibohero ryo ku kirindiro Gakungu riri kuri zone Gakungu,komine Musongati,intara ya Burunga

---

*Ak2:* Kuwa kabiri,igenekerezo rya 3 Ruhuhuma 2026,ku mutumba Rwamura,uwugendesha ipikipiki azwi kw' i zina rya BIZIMANA Pierre,avuye kw'isoko yo mw' ishinge yaguye mu karwi k'abantu bambaye umwambaro w'igiporisi.Umwe muri abo baporisi yaradugije ukuboko kugira ngo amuhagarike nawe aranka kubera hari ahantu muri kibira ca Ruvubu kandi yibazako boba ari abasuma kubera abantu benshi baramaze kwibwa ivyabo muri ako karere.Umuporisi inyuma yo kubona ko uyo agendesha imoto yanse guhagarara,yamuteye inkoni nini ,aca abura ukwo abandanya n'ipikipiki yiwe hanyuma aca agwa mu muvo.

Aband ba porisi babiri bari binyegeje impande y'ibarabara baciye batangura gukubita uwo atwara ipikipiki gushikaho

ata ubwenge bamwagiriza ko yanse guhagarara. Umugendesha ipikipiki yarajanywe ku bitaro vya komine kigamba,ariko yararemvye cane,yaciye arungikwa ku bitaro vyo mu Cankuzo aho gushika ubu arwariye mu cumba c' indembe.

Muri ico kibanza,abaporisi bama bafise iyo ngendo yo guhagarika abagendesha amapikipiki n'amamodoka avuye mw'isoko ryo mw'ishinge kandi ko rimwe rimwe babategeka kuriha amahera.

Isoko ryo mw'ishinge ni isoko ryagenewe kudandazwamwo ibiyungwa bito bito kandi rirama iminsi yose kuwa Kabi-ri.Abaporisi bakoze iryo bara ni MURENGERANTWARI Alfred, RIVUZUMWAMI Jean Bosco na BUHIGI Thaddée bose bo muri komisariya ya komine Kigamba.

Abanyagihugu muri rusangi cne cane n'abagendesha ipikipiki n'amamodokari basaba indongozi mu giporisi mw'iyo komine kugarukana indero mu bantu babo kubera bafise iyo ngendo yo gusaba amahera abanyonzi atamvo ifashe kandi ata gitasi batanze.

---

⇒ **Ukuborezwa igufa canke ugufatwa bunywamaswa bikorwa n'imbonerakore**

*Ak3:* Umuhari iteka waramenyeshejwe iryo kubagurwa ryabaye mu mpera z'indwi yahera.

Hari ku wa gatandatu,7/6/2025, hafi isaha imwe y'ijoro mu kirabo kiri muri komine Butamenwa, zone Muramvya,zone Cirambo, (komine Nyabikere yak era) aho umugabo azwi kw'izina rya NDIHOKUBWAYO Therence, wo mu runani Burundi Bwa Bose,yarakubaguwe n'Imbonerakure zitegetswe na'uwutwara umugambwe CNDD-FDD ku mutumba, yitwa Isaac. Yamusanze mu kirabu ariko aranywa inzoga aca amubwira ko naho atatoye CNDD-FDD, umugambwe waratsinze. Amaze kumva ayo majambo, Therence yahisemwo gusohoka aca arataha iwe. Ariko Isaac ari kumwe n'Imbonerakure 3 baramukwirikiye harimwo Sylvestre, Guillaume na Jean Marie; aribo munyuma bamukubise baca bamwiba n'amahera angana na30.000 bahejeje kumukomeretsa ku mutwe no ku maboko. Umuryango wiwe wamujanye kw'ivuriro NYABIKERE bukeye bwaho kandi ababikoze baguma bidegemvya.

---

*Ak4:* Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 17 Ndamukiza 2026 ivuga ko kuwa 2 Ndamukiza 2026,ku mutumba nyakuguma,muri zone ya Kigwena,muri komine Rumonge, mu ntara ya Burunga, uwitwa Irambona, umuporisi wo ku kirindiro ca zone Kigwena yarakubizwe yongera arakomereka ku mutwe no ku bitugu ku kuboko kw'ibubamfu bitewe na Irakoze Issa, Imbonerakure yo mu mugambwe CNDD-FDD azwi nk'umunywi w'inzoga zibujijwe n'amategeko. Ku bwo amakuru twatororokanije aho nyene,uwakoze ayo mabi yatanguye gushwana mu nzu y'ubudandarizo kandi ashaka gukubita umudandaza hanyuma uwo nawe aca aratabaza. Umuporisi yaciye ahashika gutabara imbere yo kumuhagarika no kumujana mu gasho ka zone hanyuma baheze bamurungika muri komisariya y'igiporisi mu Rumonge. Uwo muporisi yakubiswe nawe ajanwa ku kigo c'ubuzima ca Cabara hanyuma arungikwa ku bitaro vya Rumonge kugira bakurikirane ubuzima bwiwe.

### *V.1.2.2.AMABI AFATIYE KU GITSINA /GUFATWA KU NGUVU*

*Itegeko rijanye n'amabi afatiye ku gitsina ryasizweho Burundi muri2016 ryarateye intambwe ikomeye. Riremera gukinga bikomeyе,nko mugutanga indangura kintu yo gufatwa ku nguvu rishingiye ku kibazo c'umwumvikano hamwe n'imigenzo ya kera yataye igihe.*


Mu kiringo c'iki kiringo,amabi afatiye ku gitsina aribonekeza ku murindi urengeye. Umuhari Iteka waharuye n' imiburiburi abantu 176 bakorewe amabi afatiye ku gitsina harimwo abagabo 21 n'abagore 155. Muri abo bakorewe amabi,119 bafashwe ku nguvu.

Nkuko iki gara gikurikira kivyerekana,intara ya Gitega iza ubwa mbere ku bantu 51,igakurikirwa n'intara ya Bujumbura ku bantu 45 ,ku ncuro ya gatatu haza intara ya Burunga ku bantu 42 .

*V.1.2.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA/UGUFATA KU NGUVU*(Ibikurikira urupapuro 26)

***Igicapu 8: Ikigara cerekana abantu bakorewe amabi afatiye ku gitsina mukiringo co kuva kuwa 01 Ruheshi 2025 gushika 31 Rusama 2026***

| Intara | Incuro bakorewe amabi | Igitigiri cakorewe amabi | | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|---|
| | | Amabi afatiye ku gitsina | Viol | | |
| Buhumuza | **4** | **2** | **3** | **1** | **4** |
| Bujumbura | **43** | 7 | 38 | 4 | 41 |
| Burunga | **42** | 11 | 31 | 2 | 40 |
| Butanyerera | **28** | 7 | 26 | 6 | 27 |
| Gitega | **43** | 30 | 21 | 8 | 43 |
| Zose hamwe | **160** | **57** | **119** | 21 | 155 |




***Ak1 :*** Inku yashikiriye umuhari Iteka ku wa 14/6/2025 ivuga ko ku wa 4/6/2025, ku mutumba Buyenzi, komine Muhuta, intara ya Bujumbura, A.M afise imyaka 5 yarafashwe ku nguvu na Kizosi Jean Marie, afise imyaka 35, umunywanyi wa CNDD-FDD.Kubwo ababibonye,uwo vyabayeko yaratwawe ku bitaro vya Kaneza kugira avurwe kandi uwagirizwa icaha,yarahagaritswe n'umugwi w' umutekano uhurikiyemwo bose waho baca bamutwara mw'ibohero rya zone Gitaza kuwa 9/6/2025 hafi isaha cumi na z'umugoroba.

---

*Ak2:* Ku mugoroba wo ku wa 5Gitugutu 2025, ku mutumba Mutambara,zone na komine Rumonge,intara ya Burunga, H.M., afise imyaka 10 kandi avuka kuri ako gatumba nyene,yarafashwe ku nguvu na Leonidas Minani afise imyaka40, umunywanyi w'umugambwe CNDD-FDD.

Kubwo amasoko yaho,uwikekwako icaha yoba yatwaye agakobwa munzu iwe imbere yo gukora ibara,ku terabwoba rikomeye.Ahejeje,yoba yarasohotse kuraba hirya no hino,arekeye agakobwa munzu.Ni mugihe ababanyi,biketse ko hari ibitagenda neza,binyegeje kugira babirabe.

Baciye babona agakoba gasohotse munzu.Ababanyi baciye bahagarika uwikekwako icaha baca bamutwara ku

### *V.1.2.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA?UGUFATA KU NGUVU* *(Ibikurikira urupapuro 27)*

kirindiro c'abapolisi cegereye.Uwo rero yaciye arungikwa mw'ibohero rya komisariya ya polisi mu Rumonge.

Kuvyerekeye agakobwa,karajanywe ku kigo humura kugira gakingirwe ingwara.Urubanza rw'ikibiriraho rwategerezwa kubaho inyuma y'umutaga kuri uyu wa gatatu,ariko rwunguruRijwe ku wa 15 Gitugutu 2025, uwagirizwa akaba yarashikirije ko yari afise icabona

---

***Ak 3:*** Kuwa 18 Rusama 2026,umunyeshure yitwa N. N, w'imyaka 17, wo mu mwaka wa kabiri,mu gisata c' indi-mi,kw'ishure nkuru ya komine mu Kabezi iri muri komine Mugere yo mu ntara ya Bujumbura yoba yarashurashujwe n'umugabo akora mu gisata c'ingo n'imiryango muri zone Mubone.

Ku bwo amasoko yaho,ivyo vyabaye hafi y'isaha cumi n'imwe z'umugoroba ku mutumba Kimina, mw'ihoteri ya nyene kumufata ku nguvu,azwi kw'izina rya Alexandre BIRIKUNZIRA.Yahamagaye uwo mwigeme ngo aze gutora amahera y'ishure kuri iyo hoteri. Umwana yaragiyeyo hanyuma amwakirira mu cumba. Atangura kumukorakora hanyuma amusaba ko boryamana kugira amuhe ayo mahera.Umwana yaragerageje kwanka,ariko yaruhiye kumufata ku nguvu.

Umwana yarabwiye ivyamushikiye abajejwe indero kw'ishure ya komine mu Kabezi,baca bamujana badatevye kwa muganga kugira bamukingire indwara. Uwikekwa gukora iryo bara yarahunze,amaze kumenya ko umwana yabivuze vyose.

---

***Ak4***. Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 4/8/2025 ivuga ko ku wa 27/7/2025, ku mutumba Busebwa,komine Rumonge,intara ya Burunga.T.B,afise imyaka 16, yarafashwe ku nguvu na Dusabimana Leonce,Imbonerakure y'umugambwe uri ku butegetsi.Kubwo amakuru dukurayo,ku mugoroba wo ku wa 27/7/2025, hafi igihe c'isaha 1, uwikekwako icaha yarahenze uwabikorewe ngo amukwirikire gushika ku muhana w'umugenzi aho vyaciye bibera.

Uwikekwa ko icaha yarahagaritswe ku wa 2 Myandagaro kandi yaciye ashirwa vy'imfatakibanza mw'ibohero rya komisariya y'igipolisi mu Rumonge,mu kurindira izindi ntambwe z'ubutungane.Kubwo uwakorewe ikibi,yajanywe kuva ku wa 29 Mukakaro ku bitaro vya Mugara kugira avugwe imbere yo kumurungika mu kigo Humura,canonosoye ibijanye no gufasha gukinga ingwara n'ihohoterwa rifatiye ku gitsina.

Gushika ku wa 9/8/2025, abarongozi mu butungane ntibari bwashire ahabona aho amatohoza ageze,ariko abanyagihugu bo mu Rumonge baguma barindiriye ubutungane bwa sentare .

---

***Ak5:*** Kuwa 20 /01/ 2026, ku mutumba Rwuya, muriZone Mbuye ya komine Muramvya, umukobwa w'imyaka 14 yarafashwe ku nguvu. K. A, umunyeshure wo mu mwaka w' 8 kw'ishure shingiro Rwuya, yarafashwe ku nguvu n' uwugendesha i pikipiki yitwa Niyokindi Richard, afise imyaka 32 , umunywanyi w' Imbonerakure za Cndd-Fdd. Vyabaye hafi igihe c'isaha 1 y'umugorooba,mugihe uwagize ivyag yari avuye amakaye uwo bigana.Yahuye n'uw muntu yamusavye ko yonywa ikiyeri kukaguriro k'iRwuya,kari hafi ku metero 500 zo muhira. Munyuma,yaramwunguruje ,ariko aho kumutwara imuhira,yarahinduye inzira imenyerewe.Ashitse imbere y' agashamba,yaramuturubitse ngo amwegere aca aramufata ku nguvu.Ahejeje,yamushikanye hafi yo muhira,hanyuma uwo yaravyiganiye abavyeyi.Baciye bamujana ku kigo c'ubuvuzi vy'i Rwuya bukeye bwaho,aho ibipimo vy kwa muganga vyemeje gufatwa kunguvu. Kubwo amasoko yaho,uwakoze icaha amaze kumenya ko ariko aronderwa ,yarahunze kandi n'ubu ntaraboneka gushika ubu.


*V.1.3. UBURENGANZIRA BWO KWIDEGEMVYA*

*IV.1.3.1. IHAGARIKWA NO GUPFUNGWA BIDAKURIKIJE AMATEGEKO*

Bose hamwe,incuro 49 zo guhagarikwa bidakwirikije amategeko zaraharuwe ku butaka bwose bw'Uburundi mu kiringo c'iki cegeranyo. Ku ncuro 49 zo guhagarikwa,abantu 102barahagaritswe harimwo abagore 12 n'abagabo 90.

***Igicapo ca 8 :Ikigara cerekana abantu bahagaritswe n'abapfunzwe bidakurikijwe amategeko mu kiringo co kuva kuwa 01 Ruheshi gushika kuwa 31 Rusama***

| Intara | Incuro bahagaritswe | Igitigiri c' abahagaritswe | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|
| **Buhumuza** | **3** | 4 | 4 | 0 |
| **Bujumbura** | **15** | 36 | 27 | 9 |
| **Burunga** | **17** | 36 | 33 | 3 |
| **Butanyerera** | **8** | 15 | 15 | 0 |
| **Gitega** | **6** | 11 | 11 | 0 |
| **Grand Total** | **49** | **102** | 90 | 12 |




## ⇒*Abahagaritswe n'abapolisi*

***Ak1:***Kuwa 5 Ruheshi2025,muri zone *Musaga,muri komine Mugere, muri Bujumbura Mairie,yashizwe mu gasho ka zone Musaga, Eric NGABIREumunywanyi w'umugambwe CDP yarahagaritswe. Kubwo ivyabona vyo muri ako karerere,uwo yahagaritswe yari ku rutonde rw'abazokwitoza mu kibanza c'abashingamateka ngo aserukire umugambwe CDPmu ntara ya Bujumbura. Ivyo vyabona nyene vyongera ko uwo Eric yahagaritswe mugihe yariko azunguruka mu birindiro vy'amatora bitandukanye kugira asuzume ko abaserukiye abandi hamwe n'abarorerezi bo mu mugambweCDP bemerewe kwinjra mu biro vy'amatora kugira bakurikirane uko amatora agenda.*

---

***AK2:*** Kuva kuwa 18 Ruhuhuma 2026,abamenyeshamakuru 2 bazwi kw'izina rya Olivier Manirambona na Aline Niyonizigiye, afata amasanamu kandi yonsa w'ikimenyeshamakuru Jimbere, barapfunzwe mu mabohero yo muri zone

*V.1.3. UBURENGANZIRA BW'UMWIDEGEMVYO**(Ibikurikira urupapuro 29)*

Ngagara, mu ntara ya Bujumbura.

Kubw'amasoko yaho,abo bamenyeshamakuru bahagaritswe na parake ya Ntahangwa mugihe bariko bakurikirana ishirwa mu ngiro ry'urubanza rw'itongo rumaze imyaka 21, rwahawe sentare nkuru ya Ntahangwa,iri mu buraruko bw'igisagara ca Bujumbura,umurwa mukuru w'ubutunzi w'Uburundi. Abo bamenyshamakuru babiri barapfunzwe barikumwe n'umwe wo mubafitaniye amatati Siméon Ngenzebuhoro, yahoze ari umushingamateka. Kuri uyu wa kane,kuwa 19 Ruhuhuma 2026, abo bapfungwa 3 bararengutse munrubanza rw'ikibiriraho, rungururijwe kuri uyu wa gatanu kubera kubura uwuburanira Ngenzebuhoro. Ikinyamakuru Jimbere carandikiye umushingwamanza wa Ntahangwa kugira kimusabe kurekura abo bamenyeshamakuru ariko ntanyisu yabonetse uyo musi.

Uwurongoye ikinyamakuru Jimbere, hamwe n'abandi bakorera ibimenyeshamakuru mu Burundi baranegura iryo hagarikwa ridakurikije amategeko,bibutsa ko abo bamenyeshamakuru ata tegeko na rimwe bahonyanze kandi ko bariko bakora akazi kabo ko kumensha inkuru bigenga. Ipfungwa rya Aline Niyonizigiye, ryamutandukanije n'umwana wiwe,ntiryemewe n'amategeko kandi riteye ku biri n'uburenganzire nshingiro bw'agateka kumugore hamwe n' umwana.

Iyo tariki nyene,abandi bamenyeshamakuru 3 barahagaritswe handuma bapfungwa amasaha arenga 8 mu Kigo c'igendereza SNR i Bujumbura,mu gihe , bakurikirana urugendo Umukomiseri w'umunyaburaya d'Hadja Lahbib ajejwe kunganisha ,gutegura hamwe no guhangana n'ibihe bitoroshe. Bahamagawe mu kigo c'ubushikiranganji bw'Uburundi bw'imigenderanire,baciye bajanwa mw'ibohero ry'igendereza imbere yo kurekurwa hafi y'isaha zitatu z'ijoro. Abo bamenyeshamakuru bigenga ni : Nitanga Tchandrou, Papy Amani hamwe n' uwugendesha imodoka yabo.

---

Ak 3 :Kuwa 20 Ruhuhuma2026,abo bamenyeshamakuru 2 b'ikimenyeshamakuru Jimbere nabonyene bararekuwe vy'agateganyo n'umushikirizamanza wa Repuburika Eraste Ndayiragije ; Yashikirije ko begeranije amajwi imbere y'uko abacamanza bashika aho bashira urubanza mu ngiro kandi ko bazobahamagarwa bikenewe.Abamenyeshamakuru b'abarundi baranegura iyo ngendo yo gukubagura abamenyeshamakuru kandi bagasaba ko iegeko ryokwubahirizwa kugira habe ubwigenge bw'ibimenyeshamakuru mu Burundi. Umugore yonsa,w'ikimenyeshamakuru Jimbere,bapfungiwe mu gasho ka zone Ngangara,mu ntara ya *Bujumbura. Kubwo amasoko yaho,abo bamenyeshamakuru bahagaritswe na parake ya Ntahangwa mugihe bari bagiye gukurikirana ishirwa mu ngiro ry'urubanza rw'itongo rumaze igihe kinini rumaze imyaka 21,rwahawe sentare nkuru ya Ntahangwa,riri mu buraruko bw'igisagara ca Bujumbura umurwa mukuru w'ubutunzi mu Burundi.*

***Abahagaritswe n'abakozi b'iperereza***

***Ak4:***Ku wa 3/9/2025, mu Nyakabiga,komine Mukaza,intara ya Bujumbura,hafi igihe c'isaha 11, Norbert Rucabihari, umumenyeshamakuru wa media en ligne Buja 24, yarahagaritswe mugihe yari mu bunywero.Yahagaritswe n'abantu bamwagiriza,bafise isanamu yiwe hanyuma bamushira muri taxis batera baja mw'igendereza ry'igihugu mw' iRohero,hafi ya Diyoseze Regina Mundi.Kubwo amasoko yabikwirikiranye,yarabajijwe ku makuru yashikirijwe n' ikinyamakuru Net Press ku vyerekeye ingwano mu buseruko bwa Kongo.Yarejejwe inyuma y'aho yerekaniye ko atagikorera ico kinyamakuru kandi akerekana ikarata y'akazi.Benshi baribaza ko abamenyeshamakuru b' ikinyamakuru Net Press bamuritswe n'igendereza ry'igihugu.Ico kintu gishira ahabona ubunenge,kuko amakosa yo kumenyesha amakuru agengwa ubwambere n'ugwego rw'igihugu rujejwe kumenyesha amakuru imbere yo kuja mu butungane.Ivyo vyerekana isubira inyuma ry'ubwigenge bw'ugushikiriza iciyumviro mu Burundi.

***Ak5:*** Cyprien Sindayihebura kuva kuwa 2/12/2025, ari mw'ibohero ry'igendereza ry'igihugu i Ngozi,muri komine Ngozi,intara ya Butanyerera.Uwo mugabo yakora ku rubibe rw'uBurundi na Tanzaniya rw'iKobero nk'umugenduzi w'isuku.Kubwo abo mu muryango wiwe,yarankiye kwinjira mu Burundi ibikoresho vy'isuku bivuye mu mahanga ,ibidandazwa vy'umucuruza atubahiriza amategeko y'ikigo kibijejwe(BBN).Uwo mucuruza izina ryiwe ritaramenyekana ashaka vyanke bikunde ko ivyo bidandazwa birengana gushika aho aha igiturire igendereza ry'igihugu.ivyo Cyprien Sindayihebura atemera.Amakuru ava

*V.1.3. UBURENGANZIRA BW'UMWIDEGEMVYO (Ibikurikira urupapuro30)*

iKobero,iyo miti iracari iKobero.Imbere yo guhagarikwa,kubwo abo mu muryango,yarahamagawe kuri terefone na Marc Manirakiza bita Posheni,uwujejwe ubutunzi i Ngozi yoba nawe nyene akorera igendereza mu buraruko bw'uBurundi.Ni we nyene yahamagaye kuri terefone umumenyeshamakuru Sandra Muhoza apfunzwe kuva kuwa 18/4/2024.

Abo mu muryango wa Cyprien Sindayihebura bafise amakenga ku mutekano wiwe kandi basaba abarongozi babijejwe gukora igishoboka cose kugira babohore uwabo apfunzwe ku karenganyo.


***Abahagaritswe n'abo mu ntwaro bakoranye n'igiporisi***

***Ak6:*** Mw'ijoro ryo ku wa 9-10 Munyonyo 2025 hafi isaha 6 z'ijoro,ku mutumba Kanyenkoko,komine Rumonge,intara ya Burunga,abantu 2 harimwo Kabura Bonaventure yakukurutse mu gisirikare hamwe,uwutabaye umusirikare barahagaritswe.
Kubwo amasoko yaho,ihagarikwa ryakozwe n'abatware bo ku mutumba,umukuru w'umutumba hamwe n'uwutwara Imbonerakure,bafadikanije na komiseri wa komine hamwe n'abapolisi biwe.Abo bagabo 2 barabohewe mw'ibohero rya komisariya ya polisi Rumonge.
Uwaahoze ari umusirikare yagirijwe ibihushanye vyavuzwe n'abarongozi benshi :Umukuru w'umutumba yamwagirije ko atunze ikimangu c'umukuru w'igihugu,uwutwara zone yongeyeko ko yoba ari mu muhari w'itwaje ibirwanisho M23,umupolisi wo muri komisariya ya komine yaremeje ko amwibuka ko barasanye ku Musaga mu 2015.

*V.1.3.2. Intambwe ubuzima bw'abanyororo bugezeko mu mabohero kuva kuwa 30 Ruheshi 2025 gushika kuwa 30 Rusama 2026*

**Igicapo ca 9: Ikigara kigereranya uko ibintu bimeze mu busho kuva kuwa 30 Ruheshi 2025 gushika kuwa 30 Rusama 2026**

| Amabohero | Ubushobozi bwo kwakira abapfungwa | Ruheshi 2025 | Rusama 2026 |
|---|---|---|---|
| BUBANZA | 200 | 350 | 434 |
| BURURI | 250 | 280 | 305 |
| CMCL RUMONGE | 7 | 100 | 97 |
| CMCL RUYIGI | 72 | 57 | 50 |
| GITEGA | 400 | 1200 | 1456 |
| MPIMBA | 800 | 3855 | 4230 |
| MURAMVYA | 100 | 791 | 1063 |
| MUYINGA | 300 | 512 | 606 |
| NGOZI F | 250 | 172 | 199 |
| NGOZI H | 400 | 1590 | 1841 |
| RUMONGE | 800 | 1384 | 1471 |
| RUTANA | 350 | 399 | 448 |
| RUYIGI | 300 | 678 | 780 |
| **Yose hamwe** | **4294** | **11368** | **12980** |




Hagati ya Ruheshi 2025na Rusama 2026,igitigiri c'abapfungwa bose cavuye ku gitigiri kingana **11 368** gushika kuri **12 980**,hiyongeyeko abanyororo 1612 mu mezi. Ivyo bisigurako hiyongeyeko abanyororo 135 ku kwezi ku kwezi.

Aho abapfungwa biyongeyeko cane ni mu mabohero ya:

**MPIMBA** : Hiyongeyeko abapfungwa375 ;
**MURAMVYA** : hiyongeyeko abapfungwa 272 ;
**GITEGA** : hiyongeyeko abapfungwa 256 ;
**NGOZI H** : hiyongeyeko abapfungwa 251 .

Ibigo 2 vy'amabohero igitigiri c' abapfungwa caragabanutse bukebuke :


**CMCL RUMONGE** : hagabanutse abapfungwa 3 ;
**CMCL RUYIGI** : hagabanutse abapfungwa7.

**Igicapo ca10: Urugezo rw'abapfungiwe mu busho butandukanye mu kwezi kwa Ruheshi 2025 na Rusama 2026**

Turavye ubushobozi bwo kwakira ibanyororo muri Rusangi bungana n'ibibanza **4 294 ku ba pfungwa bangana 12 980 muri Rusama** 2026, urugezo vy'ibibanza birimwo abanyororo bishitse ku bice l**302 %**,bikerekana ibitigiri vy' umurengera vy'abapfunzwe biteye ubwoba.

***V.1.3. UBURENGANZIRA BWO KWIDEGEMVYA** (Ibikurikira urupapuro 33)*

| Amabohero | Ruheshi 2025 | Rusama 2026 |
|---|---|---|
| BUBANZA | 175% | 217% |
| BURURI | 112% | 122% |
| CMCL RUMONGE | 139% | 135% |
| CMCL RUYIGI | 79% | 69% |
| GITEGA | 300% | 364% |
| MPIMBA | 482% | 529% |
| MURAMVYA | 791% | 1063% |
| MUYINGA | 171% | 202% |
| NGOZI F | 69% | 80% |
| NGOZI H | 398% | 460% |
| RUMONGE | 173% | 184% |
| RUTANA | 114% | 128% |
| RUYIGI | 226% | 260% |




Uravye uko ibintu bimeze,biteye n'ubwoba,igitigiri c'abapfungwa kirashobora kwiyongera ku mvo zikurikira :

**1° Igitigiri c'amabi akorwa carongerekanye :** Iyi mvo ntiyumvikana kubera mu bihe vyaheze ibitigiri vyari hejuru kubera hari n'imigwi y'abarwanyi. Ivy'ubu,ntantambara y'imigwi y'abarwanyi ihari. Vyongeye,ntaguhangana

kwibonekeje mu matora aherutse . Kubo ivyo,ntanabatavugwa rumwe na Reta banababpfunzwe inyuma y'amatora nko mu bihe vyaho hambere.

**2° Ukudakora ivyo bategerezwa mu mashirahamwe amwe amwe yegukira igihugu muvyo bajejwe:** Ukudakurikirana ku gihe ubusho,iki kirashobora kuba mugihe indongozi nshasha za CNIDH zoba zitafise uburambe mu gista c'agateka ka zina muntu. Bashobora gutyo kudatahura ubuhinga bwo gukingira no gutezimbere agateka ka zina muntu.

Ku rundi ruhande,umuhari Itekawarakoze kubwo amasoko yabo afise amakuru akwiye ko ingendo za CNIDH mu mabohero zagabanutse kuva muri Ruheshi 2025 gushika muri Rusama 2026. Ingendo zo mu busho bw'igiporisi no mu bigo vy'iperereza 'SNR' ahasanzwe haba abanyororo barungikwa mu mabohero ntizakozwe ku gihe kandi ari kuri urwo rugero CNIDH ishobora kugira akamaro gakomeye ku bagirizwa batararonka ibivyemeza. Ikindi ,umuhari Iteka uribaza nimba CNIDH yoba yaraoze igikorwa cayo co kumenyesha Reta kuri ubwo buzima bwo mu busho bu-teye agahinda.

## *V.2. UBURENGANZIRA KU BUTUNZI IMIBANO N'IMICO KAMA*

*Uburenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama bufatwa nk'uburenganzira bwo ku rugezo rwa kabiri,buri mu masezerano mpuzamakungu ajanye n'uburenganzira bw'ubutunzi,imibano n'imico kama.Uburundi bwaremeje ayo masezerano kuwa 14 Ntwarante 1990 kandi bwarayashize mw'ibwirizwa shingiro ryo mu 2018,nko mu ngingo ya 19.Ico ubwo burenganzira bwiharije ni uko bushirwa mu ngiro intambwe ku yindi,bitandukanye n'uburenganzira bw'abigenga na politike.Ama Reta yabushizeko umukono,harimwo Burundi, yiyemeje gushira mungiro ubwo burenganzira bivanye n'uburyo bafise .*

### *V.2.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI*

Mu gice c'umwaka 2025,ishusho ry'ubutunzi mu Burundi ryahuye n'ihungabana rikomeye .Ibintu vyinshi bitandukanye kandi bidatahuritse vyatumye haba izo mpinduka zikabije. Ubwa mbere,igihugu gifise ingorane zikomeyezifise ingaruka mbi ku mpande nyinshi z'ubuzima bwa minsi bw'abanyagihugu. Kurundi ruhande,iduga ry' ibiciro vy'ivyankenerwa birakora cane ku butunzi bw'imiryango,bigatuma bigorana kuronka ivyankenerwa ku banyagihugu.

Abarimyi,ku ruhande rwabo,barakenye biteye ubwoba kandi ribandanya ry'ifumbire,ibishira mu kangaratete umwimbu wabo,hamwe n'uburyo bwo kwibeshaho. Mukuvyunyura vyose,ingingo yiyongeye ku zindi ngorane,Reta yashizeho ingingo zikomeye zerekeye ukudandaza no kugura ibigori,itegeka gutyo abarimyi kugurisha umwimbu wabo kuri Reta,iserukiwe n'ishirahamwe ANAGESSA, kenshi ku biciro biri hasi kandi bakabariha batevye kandi ataco bakivuna. Urwo rukurikirane rw'imvo z'ubutunzi n'imibano bwashize igihugu mu ngorane z'ubutunzi bukabije kandi buteye agahinda, bikora ku buzima bwa minsi yose bw'ibihumbi n'ibihumbi vy'abarundi kandi bigatera umwiheburo mu miryango myinshi.

Ubwo buzima bwazimye bwunyura ubuzima bw'abarundi bose harimwo abakozi ba Reta cane cane ko imishahara iguma iri hasi mugihe ibiciro vy'ibidandazwa n'ivyankenerwa nyamukuru biguma biduga,kubera ivyo,umwiheburo niwo wigendera mu barundi hamwe n'abunguruza mu bindi bihugu aho bizera ko ubuzima bwoba bugendeka ndetse hibonekeza n'abaheba ubuzi bwa Reta. Ibihugu vy'abarabu,ibihugo vyo muri afirika yo buseruko nka Kenya na Ouganda hamwe n'iburaya biramaze gukorwako n'urwo ruja n'uruza kandi umushikiranganji bw'indero hamwe n'ubushakashatsi ndetse n'ubushikiranganji w'amagara y'abantunibwo bwakozweko cane.

*V.2. UBURENGANZIRA KU BUTUNZI IMIBANO N'IMICO KAMA (Ibikurikira urupapuro34)*

Kugira vyorohe gutahura ubuzima bwa minsi yose abakozi ba Reta y'Uburundi bangana 103,510 b'ubushikiranganji butandukanye hamwe n'ubunyamabanga bwa Reta,umuhari Itega washize imishahara mu mice itanu ufatiye ku kigega gito c'umuryango w'abantu 8 dufashe ko umuryango aho abavyeyi babiri,bose bahembwa ku kwezi bashobora kuronka ivyankenerwa vy'ibanze mu miryango yabo ni umushahara ugereranye.

**Ikigega gito ku muryango w'abantu umunani**

| | **Ibisumwa** | **Igiciro ki kiro** | **Igitigiri c'ibi-sumwa** | **Vyose hamwe** |
|---|---|---|---|---|
| 1 | Ibiharage | 5,500 | 25 | 137,500 |
| 2 | Umuceri | 10,000 | 25 | 250,000 |
| 3 | Ubushaza | 13,000 | 5 | 65,000 |
| 4 | Ifu y'imyumbati | 3,000 | 15 | 45,000 |
| 5 | Ibijumbu | 1,500 | 20 | 30,000 |
| 6 | Ibiraya | 2,300 | 10 | 23,000 |
| 7 | Inyama | 35,000 | 8 | 280,000 |
| 8 | Amamesa5l | 65,000 | 1 | 65,000 |
| 9 | Amakoto 5l | 90,000 | 1 | 90,000 |
| 10 | Amata y'ifuNIDO | 80,000 | 1 | 80,000 |
| 11 | Amasupagetti irobo | 25,000 | 1 | 25,000 |
| 12 | Isukari | 8,000 | 2 | 16,000 |
| 13 | Inusu y'isabuni | 16,500 | 1 | 16,500 |
| 14 | Umunyu | 2,500 | 1 | 2,500 |
| 15 | Amajane | 8,000 | 1 | 8,000 |
| 16 | Amakara | 95,000 | 2 | 190,000 |
| 17 | Amahera yo gupanga inzu | 150,000 | 1 | 150,000 |
| | **Vyose hamwe ku kwezi** | | | **1,473,500** |

## ⇒ Uko bitonze ku migwi itandukanye ku mishahara

**U**mugwi wa mbere **urimwo umushara wo ku kwezi muto cane uri munsi canke ungana** amafaranga 250,000 Fbu ni ukuvuga ari hagati ya euro 1 na 35 ; umugwi wa kabiri ufise umushahara usa na muto uri hagati y'amafaranga angana 250 000 Fbu na 500 000 Fbu bisigura ko ahembwa hagati ya euro 35 na 70,umugwi ugira gatatu uhembwa umushahara wo ku kwezi ugereranye uri hagati ya 500,000 Fbuna 750,000 Fbu ni ukuvuga bahembwa hagati ya euro 70 na 105 ; **umugwi wa kane** ufise umushahara wo ku kwezi usa n'uwisununuye uri hagati ya750,000 Fbu na 1000,000 Fbu ni kuvuga bahembwa hagati ya euro 105 na 140 n'umugwi ugira 5 uhembwa umushahara utubutse usumba 1000 000 Fbu ni ukuvuga ama euro 140. **NB** urugezo rwo kuvunja rwakoreshejwe ni urugezo rwo ku kaguriro kigenga.

[1] https://api.insbu.bi/storage/documents/01KVZGV8AC776WC3A8A4DF2GJK.pdf

*V.2. UBURENGANZIRA BW'IMIBANO-UBUTUNZI N'IMICO KAMA* *(Ibikurikira urupapuro35)*

| | Imigwi y'imishahara | Igitigiri c' abahemb-wa | Umushahara w'amafaranga y' amarundi uri hagati | Umushara mu ma euro ari hagati |
|---|---|---|---|---|
| 1 | **Umushara uri hasi cane** | 6,849 | 1-250,000 | 1-35 |
| 2 | **Umushara usa n'uwuri ha-** | 80,154 | 250,000-500,000 | 35 -70 |
| 3 | **Umushara ugereranye** | 16,225 | 500,000-750,000 | 70 -105 |
| 4 | **Umushara usa n'** | 147 | 750,000-1000,000 | 105 – 140 |

*V. 2.2. UBUREMGANZIRA KU NDERO*

Mu Burundi,uburenganzira ku ndero,bwategerezwa kuba uburenganzira nshingiro ku muntu wese,bwarakozweko cane n'ibintu bikomeye,kenshi bihagarikiwe n'indongozi zo nyene canke abajejwe igista c'indero. Ku ruhande rumwe,ubuzima bugoye abigisha babayemwo buteye ingorane ikomeye. Ku bwo ubuzima bwazimvye n'imishara miti cane,abo bigisha biragoye kuronka ivyankenerwa mu miryango. Ubwo bukene buzura inzara butuma abigisha baheba akazi ku bwinshi kandi bugatuma igitigiri kinini c'abigisha kirondera kuja mu mahanga ahoba hari uuzima bugendeka nko mu bihugu vy'abarabu. Iryo genda ry'abigisha benshi vyarateye ingorane zikomeye ,zigizwe n'ubukene bw'abakozi mu gisata c'indero. Vyongeye,birashika ko abigisha baronswa amabango mu ntwaro ata ngingo n'imwe ibereye yo kubasubiriza yategekanijwe,bigatuma gutyo haca igihe kinini atabigisha bahari. Ku rundi ruhande,abanywanyi b'umugambwe uri ku butegetsi ntibasiba gutegura amanama mu mashure,bashiramwo kenshi na kenshi abana mu bikorwa bijanye na poritike,ibitera amakenga menshi kuvyerekeye ubwigenge no kwubahiriza igista c'indero mu gihugu.

Ugusubira gutanga ubushobozi mu ndongozi kenshi bituma amashure asubira kwikazanura,akenshi haba iyugarwa canke ugusukirana amashure amwe amwe,ibigabanya inyigisho mu burere bumwe bumwe. Ku rundi ruhande,izo mpindukazatumye haba ihungabana mw'itunganywa ry'amashure,bigakora no gukurikirana ugutegura neza ivyigw,nko kumvo zo kwongereza uburongozi hamwe no gusubira gutunganya abakozi bo mu gisata c'indero. Ihugurwa ry'abigisha hamwe n'indongozi ryarahagaze,mu ntumbero yuko igihe c'imfatakibanza co kuja mu ndinganizo nshasha z'intwaro vyabaye ngombwako itunganywa rishasha ritebevya ishirwa mu ngiro ry'urutonde hamwe n'amahugurwa abandanya.

## *V.2.3. UBURENGANZIRA KU MAGARA*

Mu gista c'amagara y'abantu mu Burundi,urukurikirane rw'ibintu biteye agahinda vyarabaye,bifise ingaruka mbi zikomeye ku magara y'abanyagihugu. Ku ntwaro ya Évariste Ndayishimiye, igihugu carahuye n'ingorane z'ubuvuzi zitandukanye kandi zungikanye.Irwirirana ry'ibiza vy'indwara zandukira zarashize ku mugaragaro cane uburyo bwo gukurikirana hamwe n'ubufasha bwihuse,vyerekana ubushobozi buke bw'ibigo vy'amagara y'abantu. Ubwo bushobozi buke butuma bigorana kurwanya irandagata ry'indwara. Ukurya nabi,nakwo,vyabonetse nk'ingorane nyamukuru,bikora cane ku bana hamwe n'abanyagihugu babayebaye. Muri iyo ntumbero,ubukene n'umutekano muke w'ibifungurwa bibandanya bisongera isibe ingorane zari zihasanzwe,mugihe ugushikira ibifungurwa bitoroshe bisubiza inyuma inguvu zo kurwanya ibibura.

Imigwi y'abafise intege nke zikeneye ubufasha runaka,nk'abagore bibungenze hamwe n'abageze mu za bukuru canke abagendana ubumuga,yerekana akamaro ko gukoresha ubuhinga butavangura bufise intumbero yo gukomeza ukwiyunge bwo kurwanya izo ngorane. Naho biri uko,irwirirana ry'ingorana z'ubuvuzi zishira kandi ahabona

*V.2.3. UBURENGANZIRA KU MAGARA(Ibikurikira urupapuro 36)*

ukubura inguvu zo gukinga na guhimiriza.Ku rundi ruhande,abaganga benshi bararavuye mu gihugu baja kurondera ubuzima bwiza i burayi,mu Rwanda n'ahandi,bituma hatakara abahinga babinonosoye. Ivyo,bivanze n'ikena rikabije ry'imiti kw'isoko,vyerekana ukuri kubabaje,kwerekanwa n'ikena ry'amafaranga y'agaciro yo kwinjiza ibintu vya nkenerwa,ihagarika ry'umurindi wo kurangura,hamwe no gucerwa kwa Reta mu kuriha ababaha ibidandazwa.

Vyongeye,ikena ry'amazi mu burere butandukanye bwarunyuye ibintu bisanzwe bicumbagira,bigatuma ikiza ca korera kirandagata mu makomine y'intara ya Bujumbura, mu burengero ,hamwe no mu bundi burere. Igiteye agahinda,abantu baratakaje kandi ubuzima bwabo mu ma kambi yo kurindiriramwoy'impunzi z'abanyekongo mu Rugombo, Rumonge no mu birindiro vya Busuma muri komine Ruyigi, vyerekana umurindi w'ingorane zihanze Uburundi.

## *VI. IVYEREKEYE UBUFASHA*

### *VI.1. IMPUNZI Z'ABARUNDI HAMWE N'ABASABA UBUHUNGIRA*

#### *VI.1.1.* **Uguhungura ku nguvu impunzi z'uBurundi ziri muri Tanzaniya**

Ikigo co kurindiriramwo ca Nyabitare caharuye abatahutse kuva kuri Nzero na Ntwarante bangana 27 275 uyu mwaka wa 2026. Kubera iyugara ry'ikambi ry'i Nduta,impunzi z'abarundibategetswe gusubira mu gihugu cabo,kenshi bagaca mu nzira zitazwi n'amategeko,kandi ivyo birabandanya. Kuva muri Nzero 2026.Uburundi bwakiriye abahunguka bangana 50000 ,naho bagabishijwe n'umukuru w'umugwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu (CNIDH), Mgr Nyaboho Blaise Martin**,** kubijanye n'ubushobozi buke bw'igihugu bwo gutunganya n'ivyo bitigiri nk'ivyo vy'umurengera. Uko ubuzima bwifashe mu birindiro impunzi zishikiramwo burateye agaahinda,kubo kubura ivyankenerwa nshingiro,kndi amashirahamwe ategamiye Reta,hamwe Nn'ibiro bikuru vy 'ibihugu vyunze ubumwe bijejwe gukurikirana impunzi (HCR), zinegura ukubura umugambi wateguwe wo gutahukana impunzi.Ku ruhande rwacu,Tanzaniya,ntikorera ku mategeko mpuzamakungu,yatanguye gushira impunzi z'abarundi mu buzima buteye agahinda,kenshi harimwo n'ihohoterwa rikorwa n'igiporisi.

Mw'ikambi yo kurindiriramwo y'i Nyabitare, impunzi zaciye mu bintu vyabahungabanije,bari mu gahinda ntangere. Irobanura ryakozwe n'igiporisi ca Tanzaniya ,bakubaguye abanse gutaha,carogereje akavuyo mu gutaha kwabo. Abahungutse,kenshi batanditswe kandi barindiriye amakuru kuri HCR,barahangayika kugira babeho,babeshejweho n'imfashanyo z'abanyagihugu baho. Abamaze kuronka agatike nabonye barahura n'ingorane.Abantu benshi batera baja Gisagara na Mishiha,bizera kuharonka amatongo yo kurima. I Gisagara,baba impande y'urubibe,mu gihe mu Mishika ,bashikiye ku mitumba yahoze ibamwo impunzi z'abanyarwanda. Iyindi mirwi,ikiriko irondera ahari umutekano,ugenda mu Gisuru.

Ingingo nke mperekeza zarashizweho kuri abo bahunguka batashe ataco bafise,ibikoresho vabo vyafashwe n'abaporisi bo muri Tanzaniya hamwe n'imigwi yaho. Intahe z'abahungutse zishira ahabona agahinda ka muntu,karangwa n'imibabaro hamwe n'amakenga menshi kuri kazoza kabo.Umuhari Iteka urarajwe ishinga cane n'intahe z'impunzi z'abarundi zirukanwemuri Tanzaniya cane cane ugufatwa bunyamaswa aho bateguwe kugirango bashobore ku neza canke ku nguvu. M ntahe,umuhari Iteka wafashe amajambo amwe"Taha,NI mwagaruka tuzobakirana urweze***!*** "Aho muhari Iteka,wibaza igituma Tanzaniya yubahutse gukora ivyo ku gihugukidasiba gutabaza haba muri Reta ya Tanzaniya canke mw'ishirahamwe mpuzamakungu . Tubamenyeshe ko muri Nyakanga2023,mu nama igira 55 y' inama nkuru ikurikirana agateka ka zina muntu,hafatiwe ku buzima bw'impunzi z'abarundi mu makambi yo mu karere hamwe n'umuti w'imvo zituma haba uguhunga zatevye gushirwaho,umuhari Iteka waratanguje urugambi wise "***UGUBIRA MU BUZIMA BUSANZWE KW'IMPUNZI Z'ABARUNZI :HAKENEWE UBUFASHA BWIHUTA***"*.* Urwandiko rwasangijwe inzego zitandukanye z'igihugu cane cane abafise ubushobozi bwo kwakira impunzi no gusubira mu vyabo hamwe n'amashirahamwe akora muri ico gisata. Dufatiye kuri Tanzaniya nk'igihugu kirambwa n'ico gisabo,umuhari Iteka hamwe n'amashirahamwe bikorana waragendeye uwuserukira Tanzaniya muri Suisse kugira bavugane ku kibazo c'impunzi c'abarundi mu ntumbero y'ico gisabo. Inyuma y' umwaka, uwo bafashanya mukuvugira izo mpunzi yacitse umwansi akomeye w'ivyo bisabo hanyuma akorana na Reta y' Uburundi igizwe n'abahoze ari impunzi kandi bazi neza uburenganzira bw' impunzi,umuti urama harimwo ukwimurirwa mu gihugu ca gatatu. Ukwo gukorana kwongereza ugushigikirana ntayegayezwa kwa Reta y'Uburundi mu guhungabanya abo batavuga rumwe bari mu buhungiromu kubabuza gusubira kwitunganya mu runani rwa poritike aho igihugu ca gatatu cabakiriye coba kuri bamwe bamwe ari isoko ry'ugushikama.

***VI.1.2.*** **Kurungika abasaba ubuhungiro muri Aziya n'Iburaya** n'Asia

***VI.1.2.1.*** **Abirukanywe muri Philippines**

Ku bantu 83 bari bagumije ku kibuga c'indege mpuzamakungu Ninoy Aquino de Manille muri Philippines kuri Terminal 1 na Terminal 3, amezi n'amezi kuri bamwe bamwe hanyuma bakirukanwa umuhari Iteka warashoboye gutohoza uko abantu 17 bagizwe n'abagabo 10,abagore 3,abayabaga 2 hamwe n'abana bato 2. Kandi kuri abo 17 birukanywe,abantu 7 harimwo abana bato 2 basigaye mu Burundi.

Toutes ces personnesAbo bantu bose bariko basaba ubuhungiro kandi barondera gukingirwa ku rwego mpuzamakungu bamaze kuva mu Burundi kubera amakenga ajanye n'umutekano wabo hamwe n'amarushwa.

***VI.1.2.2.*** **Ugupfungwa igihe kinini muri Philippines**

Ku bwo inkuru zatohozwe,abantu 15 basaba ubuhungiro bapfunzwe amezi arenga 18 mu buzima bwo mw'ibohero bugoye cane mu karere bashikiyemwo ku kibuga c'indege mpuzamakungu ca Ninoy Aquino de Manille,neza na neza Terminal 1, aho barindirira i Lounge. Muri ico kiringo,ntibabayeho mu buzima busanzwe,ukwidegemva ,hamwe no gushikira ivyankenerwa nyamukuru. Amagara yabo haba ku mubiri canke mu myitwarire,vyagiye biroronekara kubera amakenga menshi ya kazoza kabo. Ku bw'ukwo kwirukanwa hamwe no kubura umuti urama muri Philippines, bafashe ingingo yo kuja muri Ouganda kugira bahasabe gukingirwa n'amakungu biba impfa gusa.Uwundi mugwi munini ugizwe n'abantu 68 wari muri Terminal 3 kandi umuhari Iteka ntufise amakuru aramvuye kuri uwo mugwi,kiretse abantu 2 bo muri uwo mugwi.

[2] https://ligue-iteka.bi/wp-content/uploads/2023/09/Plaidoyer_Reinstallation_refugies_Burundais.pdf

### *VI.1.2.3.* **Ukugerageza gusaba ubuhungiro muri Ouganda** kw'umugwi w'abantu 8

Ku bwo intahe twatohoje,inzira y'urugendo yarateguwe hakoreshejwe indege ya Philippine Airlines na Ethiopian Airlines,ku gituro categekanijwe ku kibuga c'indege mpuzamakungu ca Entebbe muri Ouganda, atanuko ingenzi zameshejwe ivyo bintu. Bashitse Entebbe, abarundi 8 bamenyeshejwe n'abajejwe uruja n'uruza ku kibuga c'indege ko ataburenganzira bafise ku butaka bwa Ouganda.

Mu minsi myinshi,amashirahamwe atandukanye hamwe n'ibigo vyarasabwe kuza kubabara,nka HCR muri Ouganda,indongozi za Ouganda muvyerekeye impunzi,amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu,umuhari Iteka hamwe n'abandibajejwe bakingira agateka ka zina muntu. Naho batabarijwe nayo mashirahamwe,indongozi zibifitiye ububasha ntibatanze uruhusha rwo kuba kubutaka bwa Ouganda.

### *VI.1.2.4.* **Ukwirukanwa ku nguvu bavanwa Ouganda**

Inyuma hafi y'indwi bahagaritswe ku kibuga c'indege ca Entebbe,abo 8 basaba ubuhungiro bategetswe kwurira indege ija i Addis-Abeba. Kubwo intahe zatororokanijwe n'umuhari Iteka,ico gikorwa cabye hafi y'isaha umunani z' ijoro. Abahuye n'izo ngorane bemeza ko bagerageje kwanka ko birukanwa bavuga ingorane bashobora guhura hamwe basubiye mu Burundi. Bamenyeshako bakomye induru,barira kandi basaba ubufasha,ariko ntanyishu ihumuriza baronka.Ivyabona vyavuze ko abaporisi hamwe n'abajejwe umutekano babajanye gushika ku ndege.Abo barundi bamenyesheje ko bashizwe mu kibanza c'inyuma y'indege bacunzwe cane,nk'abantu babi,naho bariko basaba ubuhungiro ndetse harimwo abagore n'abana hamwe n'abantu barwaye. Ivyo bintu vyatumye benshi muribo bahahamuka cane.

### *VI.1.2.4.* **Ukunanirwa mu gusaba ubuhungiro muri Éthiopie**

Bashitse i Addis-Abeba, HCR Ouganda yoba yatabaje HCR yo muri Éthiopie ko hajeje kwirukanwa abarundi. Ku bwo amakuru twaronse,haratanguwe kugira igikozwe kugira ntibarungikwe burundu mu gihugu cabo. Ariko,ku mvo z'uko cari ikiringo c'iminsi mikuru yo guheza umwaka,hamwe n'indege yihuse,inguvu zakoreshejwe ntizabujije ko burizwa indege bagana Bujumbura. Abo 8 basaba ubuhungiro vyarangiye barungitse i Burundi ku gahato.

### *VI.1.2.5. UGUHUNGIRA MU BIHUGU VYA EAC NA VANUATU*

Iminsi y'inyuma yo gushika mu Burundi,abahungutse benshi bamenyesha ko babonye inyifato iteye amakenga ku mpande z'imihana yabo. Abantubazwi nk'uko bari mu rwaruka rw'imbonerakure boba barababonye bazunguruka impande y'imihana imwe imwe.

Batewe amakenga n'umutekano wabo,abagabo 2 hamwe n'umugore 1 bo muri wa mugwi bihutiye kuva mu gihugu baja muri Ouganda bajanywe n'imodoka,basiga abandi mu bwoba ntangere. Uguhunga kwabo kwihuse kwereka ubwoba burenze hamwe n'umutekano muke bumva inyuma yo guhunguka ku nguvu.

## *VI. IVYEREKEYE UBUFASHA (Ibikwirikira urupapuro 39)*

***Ikigara cerekana amagenekerezo yo gushika ku kibuga c'indegecitiriwe Ndadaye Melchior, amagenekerezo yo gusubira guhunga hamwe n'igihugu :***

| Abantu birukanywe | Kugaruka kuga-hato mu Burun-di | Iyo bavuye | Gusubira guhungira han-ze | Destination |
|---|---|---|---|---|
| X1, Abagabo | 01 Nzero 2026 | Philippines | 04 Nzero 2026 | EAC |
| X2, Abagore | 01 Nzero 2026 | Philippines | 09 Nzero2026 | EAC |
| X3, Abagabo | 01 Nzero 2026 | Philippines | 09 Nzero 2026 | EAC |
| X4, Abagabo | Nzero2025 | Philippines | Intango ya Kigarama 2025 | Île de l'Océan Pacifique |
| X5, Abagabo | - | Philippines | Intango ya Kigarama 2025 | Île de l'Océan  Pacifique |
| X6,X7,X8, Abagabo | N/A | N/A | N/A | EAC |
| X9, Abagabo | N/A | N/A | N/A | EAC |
| X10, Abagore | - | - | - | EAC |

Muri abo bantu15 birukanywe muri Terminal 1, X6, X7 na X8 na X9 abagabo barashoboye kururuka indege mu bihugu vya EAC imbere yo gushika iBujumbura na X10 umugore yarahunze ageze iBujumbura n'abana biwe bose bahungira mu gihugu co muri EAC.   X4 na X5  bari muri terminal 3, muri kino gihe boba bari mw'izinga ryo mu bumanuko bw'ibahari Pacifique.

### *VI.1.3.* Abarundi cumi n'umwe birukanywe muri Suisse

Umuhari Iteka waramanyeshejwe iyirukanwa ry'abarundi 11 bagize n'umuryango urimwo umugabo 1,umugore 1 n'abana 3 harimwo umwigeme, abandi 6 ,harimwo abagabo 4 n'abigeme2.Kubwo amasoko yaho,umunsi bururuka indege,impande yo kwandikwa bisanzwe bimenyerewe ku ngenzi zose,bobo babajijwe n'umukozi wo mubushikiranganji bwo hagati mu gihugu,n'iterambere rusangi hamwe n'uwujejwe umutekano atako arandika ibibaranga,abavyeyi babo,aho baba imbere yo kuja i buraya,icatumye bajayo  hamwe na karatiye bagiyemwo. Nkuko vyakozwe kubirukanywe muri Philippines, umuhari Iteka wahisemwo kugumya indamvuro zimwe zimwe kumvo z' umutekano w'abirukanywe mu gihugu ca Suisse.

## *VI.2. IMPUNZI Z'ABANYEKONGO MU BURUNDI*

Uburundi buriko buhangana n'ibitigiri vy'umurengera vy'impunzi z'abanyekongo,naho bufise ubushobozi buke.            Impunzi zirenga 101 000 zaje zaharuwe hagati yo kuwa 5 no kuwa 31 Kigarama 2025,bahunga intambara iri hagati y'imigwi M23 na  FARDC. Abanyekongo barenga 1O1 OOO basaba ubuhungiro baraharuwe muri uyu mwaka ugizwe n'iki cegeranyo,mugihe impunzi hafi  67 000 zirirundanye mw'ikambi ya Busuma/Ruyigi,badashobora kwakirawa. Ubu,iyo kambi irimwo hafi impunzi 75 000 .

Ubwinshi burenze bw'impunzi buruma habura inyubako hamwe no kubura uburyamo,impuzu hamwe n'amazi meza bituma impunzi zishobora kwicwa n'imbeho hamwe no kwandura indwara. Ukubura imfungurwa vyungurwa no   kurya nabi cane cane ku bana  n'abagore bibungenze canke bonsa. Ukuronka ivyankenerwa biragoye cane.

Ku vyerekeye umutekano,mu makambi y'impunzi  azwi,HCR imenyesha "Ibihe umutekano utera usubira inyuma".Mu nzira zo mu kinywabi,impunzi zimenyeshako zibwa kandi zigahohoterwa

*VI.2. IMPUNZI Z'ABANYAKONGO MU BURUNDI (Ibikurikira urupapuro40)*

n'imbonerakure hamwe na bamwe bamwe mu basirikare b'Uburundi.Abarungitswe mw'ikambi i Busuma bahuye n'ibibazo bikomeye,harimwo inzara,imbeho hamwe n'amabi atandukanye mu burere budacunzwe. Ubwo bukene buzura inzara burabandanya ,mugihe impunzi zishikiriza ko zishaka gusubira iwabo,bituma bashaka kwigaragamvya hamwe no kugerageza kuva mw'ikambi, ariko abajejwe umutekano hamwe n'imbonerakure barabatangiriye mw'ibarabara. Ni inyuma y' akamo hamwe n'ibisabo vy'ababafasha hamwe n'amashirahamwe yigenga aho Reta y'Uburundi hamwe n'abakozi ba ONU bategura inama yo kworohereza impunzi zishaka gutaha ku bushake bwazo hamwe na HCR, mugihe amakambi yari yarengewe n'ibitigiri kandi n'ubufasha ari intica ntikize. Impunzi z'abanyekongo 13 262 barahungutse gushika kuwa 28 Rusama 2026,ariko ibijanye n'isuku hamwe n' umutekano biracari ingorane kubwa HCR na UNICEF.

## *VII. UGUSOZERA*

Naho hariho impinduka zimwe zimwe zibonekeje mu matora y'abashingamateka yo muri Ruheshi 2025,uko agateka ka zina muntu kifashe mu Burundi biracagoye kandi karimwo intambanyi nyinshi.Ubwigoro bw'amashirahamwe afise intumbero o gukomeza igisata c'amategeko hamwe no kwongereza ugukorera ku mugaragaro ntivyatumye haba ukunagura igisata c'abigenda,nko kutugurura ibiganiro n'amashirahamwe yigenga. Vyongeye,ivyiyumviro bitandukanye biracanigirwa mu menshi no kubura ubwigenge bwo gushikiri-za ivyiyumviro hamwe n'inkurikizi mbi zirondera abari muri ayo mashirahamwe hamwe n'abamenyeshama-kuru babinegura.Umutekano w'abanyagihugu,naho wateye intambwe muri rusangi mu bisata bimwe bimwe,ntawovyishimira cane,uravye amakuru ajanye n'amabi abandanya yavuzwe hejuru,nk'ayakorerwa imigwi ibangamiwe(uwuri mu mugambwe utavuga rumwe n'ubutegetsi canke uwiketswe,umunywanyi w'amashirahamwe yigenga,impunzi zitahutse mu gihugu). Uburenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama bwarateye intambwe bukebuke,ariko hari vyinshi vyogukora,nko mubijanye no kwiga,amagara y'abantu hamwe no gukingirwa bikwiye mu kibano. Ugukingira abakenyezi,abigeme bakiri bato hamwe n'inkehwa biracakenewe cane,Gukinga amabi akorerwa abakenyezi,abigeme harimwo n'abana,ibiharuro vyatanzwe hejuru biraboneka cane mu kudahana abakora ayo mabi., Inyishu ya Reta,naho ishigikiwe n'impinduka ziko-meye,iracarimwo agahaze mu gushira ahabona poritike idakumira hamwe no gushira mu ngiro uburyobwo kugenzura bwigenga. Ku rugezo mpuzamakungu,ugukorana hamwe nuko abafasha bo hanze bokanura cane mu gukurikirana neza ibibera mu gihugu vyofasha mu gutera intege mw'iterambere ariko inguvu zabo nta-bushobozi zifise uravye ingorane ziri mu gihugu.